# Ukwo Kwĭshika Kuri Hiyo Ku Musozi Ni Nyabaki?

Jeffersonville, Indiana USA

25 Mukakaro 1965 Ku Mugoroba

1 Izeregusa, izere gusa ;

Vyosebirashoboka, izere gusa.

Twunamike imitwe yacu kano kanya. Mana Data wa twese, iri niryo sengeshoryacu rivuye ku mutima kano kagoroba, tumaze kubona ivyo Ukorera vyose abantumuri kino gihe. Rero turaGusavye, Mwami, Udufashe dushobore kwizera, twizeregusa yuko ari Ukuri, rino Jambo ryanditswe ryagizwe irigarara kuri twebwe. Biduhe, Data. Ubu rero, kuri uyu mugoroba, dushaka kugushimira kubw' U -Umucowamurikiye ku vyanditswe kubwacu mu gitondo. Kandi uyu mugoroba turagusavye, Mwami, werekane koIjambo ryawe ari ukuri mu murongo w'abasengerwa. Turasengeyeamashengero yose n'amakoraniro akoraniye hirya no hino ya -ya -ya twa tu mikoro muri iki gihugu cose, uhereye kuruhande rw'i burengerazuba ugashitsa mu misozi y'i Arizona no guhera mu biyayavy'i Texas gushika ku ruhande rw'i burasirazuba; turabasengeye, Mwami, aho bakoraniyehose mu gihugu. Dutandukanijwe n'amasaha menshi kuko tutari kw'isaha imwe,ariko Mwami, uyu mugoroba, twebwe abizera, dukoraniye hamwe nk'umubiri umweturindiriye ukuza kwa Mesiya. Kandi turagusavye, Data wo mw'ijuru, kumurungikavuba kubw'ishengero ryawe. Kuko tubisavye mw'Izina ryiwe. Amen.

2 Murashobora kwicara. Ndaramukije muri Kristo abari ngaha bose kuri uyumugoroba. Ndababajwe no kubona tukigundanye cane ku buryo bitoroshe no guhema.Mbere n'ivyuma bitanga akayaga, naho biriko biratanga akayaga, ntaco bishikakokuko abantu ari benshi cane. Iyo ishengero rija kuba ryuzuye ku rugerorwategekanijwe, ibi vyuma bitanga akayaga vyari gutuma mu kanya gatomukongatara kubera imbeho. Ariko aha, abantu bose bariko barazungagiza akantuko kubaha akayaga, yamara n'aho biri uko ivyuma bitanga akayaga biriko birakoramu buryo budasanzwe. Aha turi ku ruhande rw'i burasirazuba,turamukije abagenzi bacu muri Kristo bariko baratwumviriza bari ku ruhande rw'iburengerazuba. Turaramukije abari i San José, na mwene Data Borders n'umurwiuri hariya hejuru mu misozi, i Precott muri Arizona; mwene Data Léo Merciern'umurwi wiwe urindiriye ukuza kw'Umwami. Turaramukije abakoraniye i Tucsonkuri uyu mugoroba kandi barindiriye ukuza kw'Umwami. Abari i Houston muri Texasbarindiriye ukuza kw'Umwami. Abari i Chicago barindiriye ukuza kw'Umwami. Abariku ruhande rw'i burasirazuba rw'i New York n'i Connecticut n'irya mirwi mininiminini hariya irindiriye ukuza kw'Umwami. Ntidufise ibibanza kugira ngobashobore kwicara ngaha, nico gituma tubarungikira

Ijambo mu - mu buryo bwa telefone. Kuri uyu mugorobaturaramukije mwene Data Junior Jackson bo n'umurwi wiwe w'i Clarksville. MweneData Ruddell n'umurwi wiwe urindiriye ukuza kw'Umwami. Kandi uyu mugorobadukoraniye ngaha mw'ishengero ryacu, ihema, turindiriye ukuza kw'Umwami.

3 Ubu rero benshi muri mwebwe ntibaje mu gikorane co mu gitondo. Arikondazi neza ko abatari ngaha bose baja kurondera ubutumwa bwafashwe kuri bande kukonizera ko bwari ubutumwa bwerekeye cane ishengero kuva havuzwe u -ubutumwabwitwa Bashingantahe,Mbega Ni Igihe Ki? Numvise isigwa rya Mpwemu Yera, numvise ndongowekuvuga ivyo navuze. Vyari birebire, ariko bisubiye numvise ndongowe kubikora.Kandi ndizera ko Umwami, biciye mw'Ijambo ryiwe, yatweretse igihe tugezemwo. Mukwiyekwumva neza ko mwatahuye ibintu vyose bidasanzwe bigenda bishika. Murazi ko Bibiliyayavuze iti : "Abagize ubwenge bazobitahura." Ariko amahanga n'abantu bazogenda barushiriza kuba "abanyantegenken'abanyabwenge". Nimwiyumvire namwe: Umunyamerika abayabaye w'uno musiacagatiza igice c'ubuzima bwiwe ku myaka mirongo ibiri: aba ari umunyantegenkecane ariko ari umunyabwenge cane. Kera nta ndege z'imoteri nini nini twaridufise bo n'i - ibirwanisho ruhonyanganda ariko abantu bararamba cane. Duteratuba abanyantegenke cane kandi b'abanyabwenge, kandi ubwenge bwacu ni bwo buzoduherengeteza.Tuzokwiherengeteza twebwe nyene ubwacu. Si Imana izoduherengeteza, ni ubwenge bwacu buzoduherengeteza. Niko vyamye bimezekandi niko bizokwama.

4 Ubu rero, mu gitondo c'uw'iyinga uza, sindamenya ico nzovugako, arikonizigiye ko Umwami, namba ari ukugomba kwiwe, azoduha ubundi butumwaniyatwemerera tukabaho gushika uwo musi, kandi ntihagire ikidushikira. Hanyuma,kuw'iyinga ku mugoroba, tuzosengera abarwaye. Hanyuma bizonsaba ko nsubira imuhira muri Arizona ngarukane umuryango wanje kugira ngo abana bashoborekwiyandikisha kw'ishure. Hanyuma muzo… tuzobamenyesha, uko dushoboye, igihen'ikibanza twipfuza guteguriramwo ibikorane, ukwo bizogenda bitegurwa, cankeigihe tu…..ibibanza dutegekanya kubamwo. Ni uko, Imana ibahezagire mwese. Ubu rero kur'uno mugoroba, tuzi yuko ari…namaze gucererwa iminota cumin'itanu; ngaha i Jeffersonville, ni isaha zibiri zibura iminota cumi n'itanu,ku ruhande rw'i burasirazuba ni isaha zitatu zibura iminota cumi n'itanu; kandiku ruhande rw'i burengerazuba ni hafi isaha cumi n'imwe z'agatondo. Ngaha,izuba riri hafi kurenga. Nari nipfuje kubabwira mu kiringo c'umwanya muto. Narinipfuje kubanza kuronka isigwa rya Mpwemu Yera, hanyuma mbone guhamagariraabantu kuza mu murongo w'amasengesho.

5 Kandinipfuza ko ikoraniro ryo ngaha, co kimwe n'amakoraniro yose aho ari hose,borondera umugabo, mwene Data yasizwe amavuta ya Mpwemu, mu gihe tuzobadutanguye gusengera abarwaye, aja kurambika ibiganza ku barwaye bo mw'ikoraniroryiwe. Kandi mwibuke ko Imana ibera hose icarimwe, Iri

hose. Nuko, haba hariyai Texas, ku rundi ruhande muri Californie, hariya ruguru muri Arizona, aho murihose, rambika ibiganza ku barwaye mu gihe tuja kuba dutanguye gusengeraabarwaye. Kandi ndazi neza ko Imana ija kwumva no kwishura amasengesho yacu. Hariikintu cabaye ikidasanzwe ku mugoroba wo kuri urya musi w'iyinga, narumviseugusigwa kandi Mpwemu Yera… Mu vy'ukuri hariho ikintu. Hari haheze amezi atarimake ntahawe uguhishurirwa kw'ivyihishije mu bantu, kuva igihe mperukira hano ubushize.Kandi ivyo kuja ku musozi nk'uko yabisezeranye … Ntimushobora kumenya ico ajagukora. Ntimushobora kuvuga ko aja kubikora. Mutegerezwa gusa kuduga kumusozi hanyuma mukarindira. Irigenga. Ikora ico ishaka. Ariko guma ngaho kandimurindire, muraja kubona ico ija gukora; aho rero muraja kwumva ibibasutsekonk'uku.

6 Kandi mu mpera z' i - igikorane, sinari nzi uwo ari we, ariko umugaboumwe yaraje aca i ruhande y'umurongo w'abasengerwa; yari umugabo munini kandiyari afise n'ubuhanza mu mutwe. Yari arwaye cane. Hanyuma mu mpera, habonetse umugabo ngaha havugirwa ubutumwa; yariyajondamitse umutwe, yari yifashe mu nda kandi vyaboneka ko ababaye. Kandinaciye nibaza ko ari wa mugabo nari namaze gusengera, kuko yari afise ubuhanzakandi yari yajondamitse umutwe; ku rundi ruhande, hariho umugabo muniniyunamye. Nararavye hirya no hino nca mbona wa mugabo yari ahicaye, ariko uwo weyari anezerewe. Naribajije nti : "Yoba ari hehe?" Sinari gushobora kubona ahoyari ari. Ariko nariyumvisemwo neza ko ariho yari ari; naciye nitegereza uwomugabo yari imbere yanje. Ubwo nyene naciye numva ngoberwa kuraba kuri urworuhande kandi naciye nibaza ko aje ava inyuma. Nararavye mwene Data Nevillen'abo bene Data babiri bicaye ngaho ariko ntibari bo. Naciye mvuga nti : "Uwomugabo ari hariya inyuma babatiriza". Mwoba muzi uwo ari we? Yari mwene DataShephed. Sinashoboye kumumenya kubera ko yari yicaye hariya inyuma kandi yarikoarasenga, yunamitse umutwe. Yiyumvira ko agiye gupfa, yari amaze amayinga avyiyumvira. Umugore wiweyari yamubwiye ko ategerezwa kwigurira umwambaro mushasha w'ibirato hanyuma acaamwishura kandi ati : "Ntavyo nzokenera kuko nta gihe kirekire nsigaje."

7 Maze uwundi musi, twarahuriye mu… hariya ku mbuga kwa mwene Data Wood;yariko arasemerera ahimbaza Umwami. Yaravuze ati: "Ndashobora kurya ibinure,amagi, itomati, ivyo nshaka vyose." Ariko, yari yicishije bugufi, ahebera ikibanza ciwe uwundi muntu kugiraaje gusengerwa hariya inyuma avuye mu murongo w'abasengerwa. Murabona,ntibikenewe ko muba mufise ikarata y'abasengerwa, igikenewe gusa n'ukugiraukwizera. Murabibona? Rero, sinari nzi ko mwakize canke komutakize, naravuze gusa nti : "Hariho umugabo ariko arasenga, hariho ikintu kitagendaneza muri we". Ndibaza ko nashoboye kuvuga nti: "Afise ingwara y'umushishito,ariko arasengera hariya inyuma. Umwami Yesu abakize". Ubu n'ivyo gusa nshoborakuvuga. Icankozeko ni uko yariko arasenga. Ivyonarashobora kubibona, ariko ibica bishika ntavyo menya. Murabibona?

8 Ariko igihe mubonye ivyo bigarutse kandi umuntu wese akaba abizi neza,igihe ivyo bivuga biti: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE", murabona, aho rero si jewemba nkiriko ndavuga; aba ari We. Ariko nama mvuga nti: "Yesu Kristo yabakijije", ni ukuri kutagabanije. "Yacumitiweibicumuro vyacu, imishishagu yiwe, niyo idukiza". Murabona? Murabona? Ariko iyo haje ngo : "UKU NIKO UHORAHO AGIZE" ibabwira ico mutegerezwagukora n'ibija gushika, mubisuzume neza kuko uko nyene ari ko bizogenda. Iyo mvuze nti: "Yesu Kristo arabakijije kandi abasubije amagara meza",muca muvyizera kuko yaramaze kubivuga. Nta kindi nkora atari ugusubiramwo ivyo yavuze. Iyerekwanta kindi rikora atari ugusubiramwo ivyo yerekanye. Murabitahura?

9 Ubu rerovyari vyiza ko twihutira kwinjira mw'Ijambo kuko nzi ko benshi muri mwebwengaha baja gufata urugendo rurerure kuri uno mugoroba. Ndasavye Imanaibahezagire, ibafashe yongere ibazigame mu mabarabara. Ubu rero kuri uyumugoroba nipfuza gusoma Matayo mu gice ca 21, umurongo 1 gushika ku wa 11. Rero sinzi ko mufise Bibiliya zanyu, ngira ngomurashaka kwandika iyi mirongo; ni vyiza cane.

10 Uburero, ku batumvise ubutumwa bwo mu gitondo, nimba mufise akuma gafata amajwi … arikontitwigera duhanura abantu kugurisha amakaseti. Ntitwigera duhanura abantukugurisha ico ari co cose. Birashika nk'igihe c'igikorane kinini, bikamenyeshwako hariho ibitabo hariya inyuma. Ariko nta kintu na kimwe dukura mu bigurishwa,ni mwene Data Vayle avyandika. Umugabo yitwararika ivyo gufata amajwi ngahaazobabwira ko ata mafaranga dukura mu makaseti. Mbere ntidushize umutima ku vyo"gufata ama bande", dushize umutima ku "Butumwa". Kandi nimba hariho umuntuyiyumvira ko ashobora kuvyungukamwo, ivyo gufata amakaseti nta gihe kirekireazobikora. Ni vyo. Narabajije ku vyerekeye ivyo gufata amakaseti, ndibaza ko amakasetiyacu agurishwa ku giciro kiri musi y'amadorare atanu, hagati y'amadorare atatun'atanu canke ikintu nk'ico. Bavuze ngw'iki? Ngo amadorare atatu canke atanukuri ayo makaseti avuga umwanya muremure nk'uko? Narabajijeumupasitori umwe igiciro c'ibande imwe mu ziwe; ni amadorare icenda ku butumwabw'iminota mirongo ibiri canke mirongo itatu.

11 Ndabonarero ko mwene Data Sothman hariya inyuma adatunga canke umwe muri bo, kubw'ayomakaseti bafata. Murabona, bakuramwo amafaranga akwiranye n'ayo bakoresha. Ntidushoborakubasaba kuzikora ku buntu kuko bategerezwa kugura amakaseti n'ibindi bijanye. Kandiimashini irazimvye cane; bisaba kwegeranya hafi amadorare ibihumbi cumi kugirango ico gikorwa co gufata amakaseti gitangure gukorwa. Ubu rerondibaza ko… ntavyo bari bwamenyeshe, ariko haraja kwongera kuba umwanya wo kwumvirizaamakaseti. Rimwena rimwe abajejwe ivy'inyubako…Ivyo

ntibindaba na gato. Nta na rimwendaja muri bene izo nama. Sindabishigikiye kandi sindabirwanya. Abajejweivy'inyubako barafata ingingo y'uwuramukiwe gufata ama bande bagahezabakarungikira ikete uwo bahisemwo. Ivyo ni vyo nzi gusa. Ivyo ni bo babikorakuko sinoshobora no gukora igikorwa co gushikanira abana Imana no kubatiza,mbaye ndaretse ivyo gufata ama bande.

12 Nshize umutima kuri ubu butumwa. Ni ivyerekeye ugukwegwa kwa gatatu kandi nikwo ntegerezwakwubaha kandi nkaba umwizigirwa kuri vyo. Matayo 21:1-11.Navuze yuko mushobora kurondera mu Vyanditswe: "Bageze hafi y'i Yerusalemu, bashikira i Betifage kumusozi wa Elayono, Yesu atuma abigishwa babiri, arababarira, ati: "Mugendemur'iriya mihana ir'imbere yanyu, muca mubona indogoba iziritseho n'inyanayayo; muziziture, muzinzanire. Ni hagira ubabaza, mumubwire muti: Databuja niwe azigomba. Aca azirungika. Ivyo vyabayeho ngw'ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imanabishike, ngo Mubwire umukobwa w'i Siyoni, muti Raba, Umwami wawe aje kuri wewe,Ar'Umutekerezi, agendera ku ndogoba, mbere ni ku mukangara, inyana y'indogoba.Abigishwa baragenda, babigenza nk'uko Yesu yababwiye, bazana indogoba n'inyanayayo, bazisasako impuzu zabo yicarako. Abenshi mw'ishengero basasa impuzu zabomu nzira, abandi baca amashami y'ibiti, bayasasa mu nzira. Kandi ishengerorimugiye imbere n'irimukurikiye rirasemerera riti Hoziyana, Mwana wa Dawidi,hashemezwe uje mw'Izina ry'Uhoraho, Hoziyana mw'ijuru. Ashitse i Yerusalemu, igisagara cose kirashwabaduka, barabaza, bat'uyo ninde? Abo

mw'ishengero bose barabishura, bat'uyo n'uvugishwan'Imana, Yesu w'i Nazareti i Galilaya." Uburero nashaka gukura muri ibi Vyanditswe icigwa kimara hafi iminota mirongoitatu imbere yuko umurongo w'abasengerwautangura; uyu ni wo mutwe w'amajambonashaka gufata : "Ukwo Kwĩshika Kuri HiyoKu Musozi Ni Nyabaki?"

13 Nuko,uyo musi wari wiriwe ari umusi utoroshe, abantu bari biriwe bashamiranye kandiwari umusi udasanzwe. Turabona ngaha ko Yesu yariko araduga aja iYerusalemu; yari yiteguriye Pasika. Hari kuri Pasika aho umwagazi waPasika wategerezwa kwicwa maze amaraso agasukwa ku ntebe y'ubuntu kugira ngo abe imponganoy'ivyaha vy'abantu. Yari yaduze avuye i Betifage aja hejuru ku musozi wa Elayono urutaakandi gasozi Yerusalemu yubatsweko. Mu gihe yariko arihweza, yari azi neza ko ari kwo kuhagendera kwiwe kwa nyuma. Cariigihe yari agiye gutangwa ngo ashirwe mu maboko y'abanyavyaha kandi cari cogihe baca bamwica. Yari agiye gupfa urupfu rw'agashinyaguro ata muntu n'umwe w'inyaman'amaraso

rurashikira kandi yari agiye guhambwa.Yategerezwa kugirirwa nabi n'abiwe, harimwo na bamwe mu bo bari kumwe. We rero,kuko yari Imana, yari azi ivyari biri mu mitima yabo, yari azi uhereye mbere nambere uwuzomugura. Uwo mugabo yari hafi yiwe, yicara mu mbavu ziwe, yari yitwararitseguharura amafaranga yiwe bo n'ivyo bintu vyose; kandi We yari azi ko uwo mugaboazomugura. Yari azi ko umusaraba w'urupfu w'abaroma wari umurindiriyeho. Yariazi ko amazi n'amaraso vy'umubiri wiwe vyari bigiye gutandukana kandi koamaraso yari agiye guseseka ava mu ruhanga rwiwe ameze nk'ibitonyanga bininibinini, nk'ukubira urwuya. Yari azi ibimurindiriye vyose. Kandi yari ahagaze kumusozi araba epfo aharaba i Yerusalemu.

14 Abantu b'ico gihe, abo bifata ko ari"Umurwi uhambaye w'abasenzi", baramwanka. Amashengero y'ico gihe yaramwankakandi yamwankana n'abamwumviriza bose. Bagiye kwumviriza ibikorane vyiwe, bacababaca mw'ishengero. Ntibitangaje ko ivyanditswe vyavuze biti: "Yaje mu biweariko abiwe ntibamwakiriye". Abategerezwa kumukunda, abategerezwa kuba hafiyiwe, ni bo babaye abansi biwe karuhariwe.

15 Yari yitoranirije umurwi wiwe muto mubantu bakenye, abarovyi, abatozakori, abantu batize. Bibiliya ivuga mbere kobamwe "ataco bari bazi, ko batari barize". Bamwe ntibari bazi no kwandika izinaryabo. Nta na rimwe yigeze aja kurondera abantu biwe mu mashengero. Nta na rimwe yigeze ahuza n'umuntu arongoye ishengero na rimwe. Ku rundiruhande, yakoze vy'ukuri nk'uwuvugishwa n'Imana, acirako iteka ivyo bakoravyose nk'uko abavugishwa n'Imana bamwitangiye imbere babikoze; bo bari agacegato k'Ijambo, mu gihe We yari Ijambo mu kunengesera kwaryo.

16 Ariko muri ivyo vyose, mu gihe cose no ku wuvugishwa n'Imana wese,hazobaho igitigiri runaka c'abantu batoranirijwe kwumva ubwo butumwa nokubukurikira. Abo ntibitaho ubwinshi bw'abantu. Ntibitaho ivyo abatizerababavugako. Ntibaharirira na bo. Ico bakora gusa, ni ukwizera no gufata nkamaagace kose k'ubu butumwa nka kumwe kwa Mariya yicaye ku birenge vya Yesu. Marita yariko arategura ibifungurwa vyiwe maze Yesu aramubwira ati :"Ariko Marita, witwararika cane ivy'ubuzima; Mariya we, arondera ibintu birutaibindi". Murabona, ibintu vy'ubugingo budashira.

17 Ubu rero turabona ko benshi muri abo bantubari batahuye … Muri ico gihe nta vyanditswe bari bafise nk'ivyo dufise uyu musi,nta mboneshakure bari bafise canke iterefone canke ikintu na kimwe muri ivyo;ariko uko bari kwose bari barumvise ko yari agiye kuza kugira abe Pasika. Abantubenshi, bari bitayeho ivya Mpwemu, bari bazi ko Yari We wa Mwagazi w'intama wa Pasikakuko Yari Yaramaze kubabwira ko ibintu vyategerezwa gushika.

18 Rero, kuko bari bazi neza ko yategerezwakuza kandi bakaba baramukunda, bari babayeho bamurindiriye. Bigaragara koabantu benshi bariko barasunikana, bagundana bava ku muryango baja ku

wundi,beraguza kuko bari bazi ko isaha iyo ari yo yose yari agiye guseruka. Baribareretse. Abandi baribaza icotuma abo bantu birukabava ku muryango baja ku wundi. “Ni igiki cahabakwegera?” Kandi bararaba kuri uru ruhande no ku rundi, kugira ngo babone ivyo arivyo. Mu kurindira icagira kibe, basa n'aho hari ikintu bariko bararondera. Ôo, eseukuntu nari nipfuza guhindura ivyo nariko ndavugako mu kiringo c'iminota mikeyahanyuma nkavuga ku biriko biraba muri kino gihe. Abantu bashaka kumubona aje,bamurindiranye igishika bibaza ingene bizogenda. Ico gishika turaciyumvamwo.Bararondera, bakitegereza ikiba cose bo n'ikimenyetso cose, baraba ko bihuye n'ivyanditswe.

19 Mu nyuma bamaze kubona ivyo bintu vyose vyari vyaravuzwe kuri We, baciyebamenya ko iherezo ryari ryegereje. Bari bashaka kubishikira, ni co gituma baribareretse. Igice kimwe c'abantu bake cane ni bo bari ku ruhande rwiwe. Abenshini abamugwanya; mirongo icenda kw'ijana baramugwanya. Kandi bisa n'aho ari ko bigenda mu migwiy'abasenga ba kino gihe iyo hageze ku vy'Ijambo no kuri Kristo, hafi umwekw'ijana ni we avyizera. Ikindi gice ntibazovyitaho, ivyiwe bazobifata nk'ibikinocanke bamutere umugongo. Neza na neza nka kwa kundi nyene. Ibihe, ibintu ntibihindukacane, kahise kaguma kagaruka.

20 Kandi turabona ko ivyo bituma abantu bataumutwe. Bitegerezwa gushika. Bari barindiriye, bibaza ico azokora ni yaza.Bashaka kuba bahari kugira baronke umugabane ku vyo azokora. Ivyo ni vyobashaka. Ivyo ni vyo bashaka kubona. Baravyizera. Abandi bari barumvise bivugwako azoza kandi bari baduze kugira ngo bamucokore. Nuko rero inyuma y'uko gutaumutwe kuri uwo munsi udasanzwe, mu gihe kidasanzwe, mu gihe amashengero yariasinziriye, imitsi y'abantu yari hafi guturika. Hariho abantu benshi cane, nihorero vyaca bishika.

21 Hejuru ku musozi wa Elayono haserutseinyana y'indogoba yera yururuka uwo musozi kumwe n'umugwi w'abantu basemererank'abakavya, baha amashami y'ibigazi, baterera impuzu zabo mw'ibarabara bavugabati : “Hoziyana Mwana wa Dawidi uje mw'Izina ry'Uhoraho!” Murabona ako kanak'indogoba, uwari akicayeko ntiyari uwundi, yari Mesiya w'igihe, uwasizweamavuta n'Imana. None Imana yariko ikora iki? Ni ugukwegwaki kwari kuri wa musozi? Yari Imana iriko irakoraivyavuzwe, ishitsa ivyavugishijwe. Kandi ivyo bizana ugukwegwa imisi yose. Ivyo bituma hagaragaraabacokoranyi, ibinyakabaka (nabivuzeko ku butumwa bwo mu gitondo) hamwe n'inkukuma.Murabibona? Bose baraza bazanywe no kuraba ibiriko biraba. Bamwe bazanwa no gushaka kumenya, bamwebazanwa no gutora amakosa, abandi bakazanwa no gucokora. Nk'uko twabivuze mu gitondo,imigwi yose ukwo iri irakorana: abizera, abigira abizera n'abatizera. Ni igiki kiri ku musozi?Ubuhanuzi buriko burashika. Ubu rero tugira turabe ibiriko birashika.

22 Ubu rero mu gitabu ca Zakariya, mu gice ci9 no ku murongo wi 9, Zekariya, umwe mu bavugishwa n'Imana, avuze ari muriMpwemu, agira ati: “Nezerwa cane, wa mukobwa w'i Siyoni

we! Sesereza impundu, wa mukobwa w'iYerusalemu we! Raba, Umwami wawe araje kuri wewe, n'umugororotsi, kandi arin'inganji; yicishije bugufi, agendera ku ndogoba, mbere ni ku

mukangara, inyana y'indogoba‟ None abo banyabwenge b'ivyanditswe baribafise ingorane ki? Abo baherezi bari bafise ingorane ki? Abo banyamadini baribafise ingorane ki? Ivyo vyari vyanditswe imyaka amajana ane na mirongo umunanin'indwi imbere y'uko bishika, biciye ku muvugishwa n'Imana yemejwe; ivyo vyarivyarashizwe mu vyanditswe kandi bari barataziriye iyo mizingo yo mw'Isezeranorya kera ”Bibiliya‟. Kubera iki batashoborakubona ko ubwo buvugishwa bwariko burashika? Ni igiki gitumyebatabitahura uno musi. Barafashe Ijambo ry'Imana kandi barigize iritagira

ikimazi ku bantu,bakoresheje kwigisha inyigisho n'imigenzo vy'umuntu. Namba abanyabwenge b'ivyanditswe, abavugabutumwa, abungere, abantub'impwemu, (bigira abizera), abasizwe, bashaka gusoma Bibiliyagusa, ntibibazaibiriko biraba, bari kumenya ivyo ari vyo! Imana ishitsa Ijambo ryayo!

23 Ivyari vyaravuzwe vyariko birashika,ubuvugishwa bwariko burashika. Agakiza k'isi kari gashitse,uwo musi uhambaye abavugishwa n'Imana bari bararindiriye. Abari bari mu mva bose bari barindiriyeuwo musi. (Ni vyo, vyiyumvireko!), abari barapfuye bose, abagororotsi bose, abamaratiri bose, aboamaraso yabo yari yarasheshwe kumwe n'abavugishwa n'Imana bose. Yari ahejeje gusemerera ati: “Yerusalemu, Yerusalemu, wewe wicishijeamabuye abavugishwa n'Imana bose nagutumyeko ukongera ukica abagororotsi, nikangahe nagomvye kukwegeraniriza hamwe nka kurya inkoko yegeraniriza hamweimiswi yayo, ariko ntiwabishatse! Ariko ubu igihe cawe kirageze.

24 Abari bari mu mva bose, Aburahamu, Isaka,Yakobo, abavugishwa n'Imana bose, bari barindiriye ico gihe. Kandi ishengero ntiryabibona. Bati: “Iyo nduru yose itewe na nde?''Bavugiye rimwe bati: ”Si wa muhungu w'umubaji hariya? Turamuzi. Ubwo bwengeyabukuye hehe? Aho tugeza kumenya nta na rimwe mu mashure yacu tuzi yizemwo. Ntituzi igitabo na kimwe yakoresheje mu kwiga. Ni nde?‟ Yariinyishu ku vyavugishijwe n'uwavugishwa n'Imana. None raba yari aje, ari kunyana y'indogoba. Mbega ugukwegwa! Imana yari ishikije Ijamboryayo ryasezeranywe; igihe cari cararindiriweikiringo c'imyaka ibihumbi bine cari gishitse. Mw'Itanguriro mu gice ca 3 ku murongo wa 15, Imanayari yaravuze ko ”uruvyaro rw'umugore ruzomena umutwe w'inzoka, ariko ko umutwewayo uzokomora igitsintsiri ciwe‟, kandi muri Bibiliya yose dusangamwo ivyavugishijwekuri uwo mugabo yategerezwa kuza. Kandiharya hari haherutse kuboneka umuvugishwa n'Imana yari yarahagaze hagati muribo; yari umuvugishwa n'Imana w'ukuri ari we Zekariya.

Kandi aravuga ati :”Yemwe mwa bakobwa b'i Yerusalemu namwe bakobwa b'i Siyoni, nimunezerwe kandimuhimbarwe, kuko Umwami wanyu aje kuri mwebwe, yicishije bugufi kandi yiyoroheje,agendera ku mukangara, inyana y'indogoba.‟

25 Kandi abobantu bose basoma ivyanditswe umusi ku musi baramuravye ashitse ari ku ndogoba yiwemaze barasemerera bati : “Uwo ni nde?” Murabibona? Imana yariko irashitsaIjambo ryayo ku bantu bategerezwa kumenya ivyo ari vyo, ariko ntibabimenye. Iyo Imanairiko irashitsa Ijambo ryayo, ivyo bizana imisi yose ugukwegwa, imisi yose.Ivyo bizana ugukwegwa, kuko bitaba bimenyerewe. Cari ikintu vy'ukurikitamenyerewe ku bantu b'ico gihe, kubera ko abakurikira ibigezweho, ivyontibavyizera. Bakurikira inzira yabo bwite. Ubu rerotugaruke mu Vyanditswe iminota mike hanyuma dufate ibindi bintu bitamenyerewe bishikaigihe Imana iriko irashitsa ivyavugishijwe. Iyo Imana ivuze ikintu,iragishitsa. Ijuru n'isi bizoshira ariko Ijambo ryiwe ntirizokwigera rishira.Ni co gituma muri rusangi ivyo bintu hari ikintu bihindura, ikintukitamenyerewe.

26 Rabaukuntu iri Jambo ry'Imana ryabonetse risuzuguritse ku bantu bari bitezwe kobaryizera yamara bagasemerera bati : “None, uwo ni nde rero? Ivyo bintu vyosemwabikuye he? Uwo ni nde? Ivyo ni ibiki?” Ntivyari bimenyerewena gato. Kandi bategerezwa gusemerera bavuga bati : “Hoziyana Umwami ajemw'Izina ry'Uhoraho”. (Umurwi muto gusa ni wo wabonetse kugira ngo ukore ivyo,umurwi muto cane). Nubwo hari haheze imyaka ibihumbi bine bivugishwa, nubwo cariikintu gihambaye categerezwa gushika kw'ihanga, nubwo ivyizigiro vy'abapfuyebose vyari kuri ivyo, nubwo kazoza kose kari kuriivyo, abantu b'abasenzi, bigira abizera ivyo, barasemereye bati : “Uwo ninde? Ni ugukwegwanyabaki?” Cari ikintu kitamenyerewe! Kandi ni nacokimwe no mu misi yacu; mu bisanzwe ivyo ntibihinduka na gato. Ni ibintubitamenyerewe.

27 Nk'ukonabivuze, turabe bimwe bimwe mu bintu bitamenyerewe. Ni ukuhe gukwegwa kwari kuhari neza naneza imbere yuko urubanza rushika kw'isi rukanayirimbuza amazi? Umugabo ashaje w'imyaka hafi ijana na mirongo ibiri yubatse ubwatokandi ata mazi ahari yo gutuma bureremba. Yagumye hariya hejuru amarayo imyaka ahagaze kugishimaryango canke

yubakaimbere kandi ahoma ishishi imbere n'inyuma, yongera avuga ati : “Isi igiyekumirwa n'amazi”; ivyo vyose vyashika muri ico gihe gikomeye c'ubushakashatsi. Bati:‟Urwo rwamo rw'inyundo hariya hejuru ku mutumba ni urw'iki? Ivyo, ni umutamayitwa Nowa ari hariya hejuru; ni umutama akavya. Uwo mutama yamaze umwanyamunini yakirwa n'izuba none ryamurabitse yasaze. Ariko arubaka ico yita”Ubwato‟, kandi avuga ko amazi agiye kuza avuye hariya hantu hatagira amazikandi ko burya bwato buzotuma abantu bari muri bwo bashobora kureremba; avuga ko abo bosebatazokwumvira ubwo butumwa maze ntibinjire muri burya bwato, ko bazotwarwa. Mwarimumaze kwumva ikintu gisa n'ico? Kwari ugukwegwa kutamenyerewe!

28 Ndibaza ko igihe abantu baba bashaka gutwenga bihagije, baradugabagahagarara ku muryango w'ubwato hanyuma bakaduka bagatwenga, bati: ‟None kohaheze imyaka ijana uvuga ko imvura izogwa! Sogokuru yambwiye ko yariyarakwumvise uvugira ngaha ko imvura igiye kugwa, none raba uracari ngaho urikourahondagura kuri ico kigegene c'ibiti gishaje. Kubera iki utagarura akenge?'' Ariko yari Imanayariko yitegurira kwemeza isezerano no gushitsa ivyo uwuvugishwa na Yo yariyaravuze. Ntivyari bimenyerewe!Imana yariko irashitsa ivyo yasezeraniye Nowa mu gihe abandi barikobaritwengera. Kuri uwo musi nyene, Imana yariko yitegurira kandi gushitsa ivyari vyaravuzwekugira ngo yereke abandi ko idahemuka kw'Ijambo ryayo, naho vyasa nuko atari vyo kandi kobidashoboka. Imana yama izigama Ijambo ryayo. Yariko iratanga akarorero kuri uwo mutamayaguma ahonda n'inyundo kuri ubwo bwato, akarorero ku bantu bo ngaha muri Amerika kuri unomugoroba n'ahandi hose mw'isi. Ivyo ubushakashatsi bwavuga vyose, ivyo bavuga vyose, (ibi,ivyo n'ibindi) ntiyigera ihemuka kw'Ijambo. Yariko irashitsa ivyavuzwe.

29 Kwari ugushwabaduka nyabaki urya munsi …Hari ikintu kitamenyerewe cariko kirabera mu bugaragwa; hariho igisakakirurumba. Kandi uwuvugishwa n'Imana ariko arahunga yari ahagaze hariya mubugaragwa. Nta na rimwe yari bwumve ijwi, ntiyari bwumve na rimwe ijwi; ariko yararavyemaze abona ikintu kitamenyerewe kw'isonga ry'umusozi. Hari ico Imana yariko irageragezakumwereka. Niko bimeze n'uyu munsi! Imana yariko iritegurira gushitsa Ijamboryayo yari yaravuze biciye muri Aburahamu iti: ‟Uruvyaro rwawe ruzomara imyakaamajana ane mu gihugu c'abanyamahanga, nzobakuzayo ukuboko kwanjekw'inkomezi.'' Kandi yariko irategura umugabo umwekubw'ico gikorwa, nka kwa kundi nyene yateguye ubwato buzoba burimwo umutekanoku bazokwizera bose. Imana yari yashize umuriro muri ico gisaka, hanyuma uwomwungere, Mose, aravuga ati : ”Ngira nkikame ndabe karya katabonetse‟. Mazerero imaze kuzana Mose ku gisaka caka umuriro, yaciye ivugana nawe.

30 Mu nyuma, ni ukuhe gukwegwa kwabaye mu ntangarokwa Farawo, igihe uwo mwungere yata inkoni hasi igaca ihinduka inzoka? YariImana yariko irashitsa isezerano yari yagiriraniye na

Mose. Habaye ukuhe gukwegwa ku kiyagagitukura, igihe imikogote ya Farawo yicwa n'ubwoba ibonye umuyaga uturutsemw'ijuru maze ugacamwo kubiri ikiyaga gitukura kandi umurwi

ukengeretse w'abagurano wari ugiye kugikorwa c'Imana ukakijabuka nk'abaca ku musozi? Ivyo vyari ibiki? Yari Imanaihagarariye Ijambo ryayo. Urupfu rwaciye ruhunga, ubwoko buzima burajabukakandi ubwoko bwapfuye mu buryo bw'impwemu bugerageza kubwigana hanyuma buratwarwa.Imana yariko irashitsa ivyavugishijwe yongera ishitsa ibizovugwa. Ukwo nikwo kwariugukwegwa kwo ku kiyaga gitukura.

31 Mu nyuma habaye ukuhe gukwegwa ku musoziSinayi igihe abantu basabwa kutegera abagore babo, igihe basabwa kumesuraimpuzu zabo, ko biyeza, hanyuma ko biyegeraniriza hirya no hino y'umusozi ahoumuntu umwe yitwa Mose yari yavuze ko yahuye n'Imana mu nkingi y'umuriro? Imanayari yabwiye Mose iti : "Ndaja kumanuka hagati mu bantu. Ndaja kwemeza iconababwiye n'uwo Ndi we, ndaja kubereka ko ndi Ya Mana." Ukwo nikwo kwariugukwegwa. Imana yariko irashitsa Ijambo ryayo.

32 Habaye ukuhe gukwegwa kuri uyo musozi? (Ni inkuru za kahise). Mu gihe ihanga ryari ryibagiye Imana, abantubagendera mu migenzo kandi ataco banezwe, mu gihe abaherezi bose bari batanguyegukurikira ibigezweho, abavugishwa n'Imana na bo bakavugishwa ibihujen'ukugomba kw'abaherezi. Kuri uwo musi, nk'uko bisanzwe haraje umuntu biyumvirako akavya. Yavuga ku

bagorebisiga amarangi n'ibindi bintu kandi yari umugabo akora ibintu bitamenyerewe.Uwo mugabo ashaje niho yamanuka maze abwira umwami ati: "Nta n'ikime kizotondaatari jewe ndabivuze.''

33 Kanditurabona ko yari yahunze kugira ngo yinyegeze ahantu hamwe mu bugaragwa. Abantubariyumvira ko ategerezwa kuba yarishwe n'inzara, ko yasangutse, ariko yariyaragaburiwe neza kandi yari yaronse n'amazi. None ng'uwo aramanutse avuga ati: ''Murashobora kubona y'uko mfise UKU NIKWO UHORAHO AGIZE? Ubu rero, nimba mugifiseibihari, tuje kw'isonga ry'umusozi twerekane Imana iyo ari yo'', kuko yariyaronse ukundi kwerekwa kw'Uhoraho. Aravugaati : ''Nimuhitemwo igicaniro muja kwubaka, nimuhitemwo ikimasa muja kubaga. Ndajakwubakira Uhoraho igicaniro kandi ndaja gushirako n'ikimasa. Jewe namwe turajagutanga ikimazi kandi turaja kureka Imana nya Mana itange inyishu yayo.''Ntiyari kwigera akora ivyo iyo Uhoraho ataba yari yabimubwiye; ni ko yahavuyeavuga, mu nyuma, ati : ''Nakoze ivyo vyose nk'uko wabinsavye, Mwami.''

34 Arikokwari ukuhe gukwegwa? Harya hariho abaherezi amajana ane bari bahagaze kuri uwomusozi, umwami yari mu mukogote wiwe afise n'ibigwanisho vyiwe vyose, kandiabarinzi biwe bari bamuri irya n'ino. Umugabo yasa n'umunyeshamba abaaraserutse, afise ubuhanza, afise n'imishatsi yera mu maso, umubiri urikoiminkanyari yambaye urusato rw'intama, ahagazeho afise inkoni mu kuboko kumwebo n'agakarabo k'amavuta mu kundi; ni we hari haheze imyaka itatu n'igice avuzeati : ''Nta n'ikime kizotonda atari jewe ndabivuze.'' (Yari yafashe ikibanza c'Imana ukurikwamye nk'uko bakunda kuvuga). Uwo mutama rero akavya yari ahagaze kuri uryamusozi

yariyaduganyeko abantu. Kwari ukuhe gukwegwa? Yari Imana yari yahisemwo kwerekanako uwuvugishwa na Yo yavuga ukuri. Yari Imana iriko irashitsa ivyavugishijwe.Yari Imana kandi yariko irakora ibizovugwa mu gushitsa Ijambo.

35 Hahezeimyaka amajana, umugabo umwe asizwe amavuta y'iyo mpwemu nyene ava mu bugaragwa;nta dini na rimwe bari bafatanije n'aho se wiwe yari mw'idini kandi akaba yari umuhereziwo mu mutigiri w'abaherezi wa Abiya. Ariko yavuye mu bugaragwa yambaye urusato rw'intama,imishatsi ishika mu maso. Itandukaniro rimwe gusa ryari rihari, n'uko iyomishatsi itari ibenjutse ariko yari yirabura. Hari ikintu ki cari muri uwomugabo cakwega Yerusalemu yose n'i Yudaya hose? Bamwe basohotse bavuga bati:''Hariho umugabo hariya agerageza kwibiza abantu mu mazi. Ni nde yari amazekwumva ikintu nk'ico?''

36 Hariho abandi bari bafise inyota yokumenya inkuru maze bakavuga bati : ''Uwo ategerezwa kuba ari Mesiya.'' Umwemuri bo aravuga ati : ''Uwo ategerezwa kuba ari umwe mu bavugishwa n'Imana.''Biyumvira vyinshi kuri we. Ariko uwo yari nde? Yari Imana yariko irashitsaYesaya 40 ahavuga ngo : ''Ehe …'' kandi ni ho havugwa ivyo yari gukora mu misiy'iherezo, ukuntu yorungitse umukozi wayo n'ivyo yari gukora. Hanyuma turabona ko haciye amayinga makeuwo mugabo yari azi neza cane ubutumwa bwiwe ku buryo yashoboye kuvuga ati :''Hariho uwuhagaze hagati yanyu kandi ntibimbereye gupfundurura akagozik'inkweto ziwe. Azobabatiza muri Mpwemu Yera no mu muriro nk'uko nababatije mumazi.''

37 Kandi umusi umwe umugabo asanzwe caneakiri muto, w'imyaka hafi nka mirongo itatu yaramanutse kugira ngo abatizwe.Kandi igihe uwo mugabo yaza, uwo yavugishwa n'Imana yatumye haba ugukwegwakudasanzwe kuko uwo musi yakoze mu buryo butangaje. Ikoraniro ntiryashoboyekwihangana ngo ntirirabe ingene uwo muvugishwa n'Imana yakoze mu gihe yariko arahariracane n'abaherezi hakurya y'uruzi. Baravuzebati : ''Imana ni yo yubatse iki gicaniro. Imana ni yo yatubwiye gukora ivyo.Mose ni uwuvugishwa n'Imana. Turemera Mose. Ikimazi ntikizokwigera gikurwaho." Nink'aho ndiko ndumva Yohana yishuye ati : ''Ntimwasomye mu vyanditswe ko uwavugishwan'Imana Daniyeli yavuze ko ikimazi ca buri musi kizokurwaho? Kandi ico gihe cashitse!Ntimwasomye ko Yesaya yavuze mu gice ca 40 ko ijwi ry'usemerera mu bugaragwa ritegurainzira y'Uhoraho? Kubwanje, vyavugishijwe habiri. Hariho kandi ikindi kintu;haheze imyaka amajana ane, mbega ntimwamenye uwuvugishwa n'Imana Malaki igiheyavuga ku gice ca gatatu c'igitabu ciwe ati : "Umve ngira ntume integuza yanjeimbere yanje indoranirize inzira?"

Mbega ntimwari muzi yuko ibi ari ugushitswakw'ivyavugishijwe? Ivyavugishijwe vyariko birashika.

38 Ninko muri uwo mwanya uwuvugishwa n'Imana yaciye ahindukira maze aravuga ati : "Ng'uyuUmwagazi w'intama w'Imana ukura icaha c'abari mw'isi!" None kwari ukuhe gukwegwa?Kwavuye ku wuvugishwa n'Imana kuja ku vyo yavugishijwe. Uburero nimwihweze ibigira bibe. Raba umugabo asanzwe, umuhungu w'umubaji, atazwi n'umuntun'umwe, yururuka aja mu mazi. Kandi Yohana, uwuvugishwa n'Imana akomeye, aravugaati : "Jewe, ndakeneye ko umbatiza.'' ''Kubera iki waje kuri jewe?'' Acaaravuga ati : "Emera bibe nk'uko, kuko, nk'umuvugishwa n'Imana bo na Jambo, biradukwiyeko dushitsa ukugororoka kwose." Acaaratahura rero ko ikimazi gitegerezwa kwozwa imbere y'uko gitangwa hanyuma aramubatiza.

39 Harabayeho rero ukundi gukwegwa igihe yavamu mazi. Uwo muvugishwa n'Imana atari yaranyegeje igihe canke ibihe baribarimwo, yarunamuye amaso maze abona amajuru yugurutse, abona Mpwemu w'Imanayururuka kuri we asa n'inuma kandi yumva ijwi rivuga riti: "Uyu n'Umwana wanjenkunda cane akampimbara." Imana yariko iremezaubutumwa bw'uwavugishwa n'Imana kandi ivyo ni vyo vyatuma abantu baza ku nkengeraya Yorodani.

40 Haraciye umwanya mwene Data aririmvye,ahubwo yategerezwa kuririmba ati : "Hariya ku musozi hashinze umusaraba ushajeuhanda". Hari ukuhe gukwegwa hariya ku musozi Karuvariyo? Turabona ko bariabasenzi bamuciriyeko iteka kandi ko intwaro y'Abaroma yari yamuciriye urwo gupfa.Kandi yari amanitswe harya hagati y'abagizi ba nabi babiri, yishwe n'inyota,amaraso atemba ava mu mubiri wiwe. Yari amanitsweho hanyuma arasemerera ati: "Mana yanje, Mana yanje n'ikikikumpebesheje?" Kandi abantu b'abasenzi bari bahagazeho bavyitegereza, baticura koivyavugishijwe vyo mw'isezerano rya kera vyariko birashika muri uwo mwanya nyene I Karuvariyo. Dawidi we nyene ubwiwe yari yaranditseyongera arakora, kandi yari yafashwe na Mpwemu nk'abandi bavugishwa n'Imanabose; yakora nk'aho yoba yari we nyene Kristo ubwiwe. Muri Zaburi 22, Dawidiyarasemereye ati: "Mana yanje, Mana yanje, n'iki cakumpebesheje? Ndashoboraguharura amagufa yanje yose. Barandaba, bantobaguye ibiganza vyanje n'ibirenge vyanje.Dawidi yavuga nk'ahoyoba yari Kristo. Ariko ntiyari Dawidi, yari Kristo muri Dawidi. Kandiraba ko ivyari vyaravugishijwe n'abavugishwa n'Imana batandukanye vyarikobirashika ku musozi Karuvariyo. Ni ukuhe gukwegwa kwari kuri ku musozi? Imana yarikoirashitsa Ijambo ryayo.

41 Harabayeho ukundi gukwegwa ku musozi umusi wapentekote, mu gihe bose bari bakoraniye hariya hejuru kumusi mukuru wo gusenga, biyumvira ko bikuyeko abantu bose bakavya. Hari haheze imisicumi batavyumvise bivugwa. Ubwo nyene, baturutse mu nzu yo hejuru kuryakw'inzuki ziva mu gitiba baca barakwiragira mu mabarabara basemerera kandibabandanije gurtyo. "Ivyo vyari ibiki none? Ivyo vyasiguraiki? Abo bagabo bose baraborewe?" Nimurabe neza! Uwuvugishwa n'Imana yari ahagaze hagati muri bo, nk'ukouwuvugishwa n'Imana ategerezwa kubikora, maze aravuga ati: "Yemwe bagabob'Abisirayeli, na mwebwe muba i Yudaya n'i Yerusalemu, ibi nimubimenye kandinimwumvirize amajambo yanje. Aba bantu ntibaborewe nk'uko muvyibaza. Arikon'ivyari vyaravuzwe n'Uhoraho aciye ku wavugishwa na We Yoweli, ati: ''Ibizoba mu misi y'iherezo, nzosuka Mpwemu wanje kubari n'umubiri bose". Ukwo ni kwokwari ugukwega.

42 Inyumay'aho babambiye Umwami w'ubugingo bakanakora n'ivyo vyose, abasenga ntibabonaamasezerano yerekeye ukuza kwa Mpwemu Yera. Ugukwegwa. "Uwo ni nde? Ivyo bisigura iki? Ni igiki kitagenda neza ku bantu?" Ôo, Mana yanje! Ni cokimwe uno musi. Turaja gusimba ibintu bitari bike kugira ngo dushikire kukuvuga ibiriko biraba muri kino gihe, niko bimeze uyu musi. Hariko haba vyabindi nyene, habazwa vya bibazo nyene. "None iyo nduru yose n'iy'iki?"Itegereze epfo na ruguru y'ibarabara; raba izo modoka ziva i Michigan zija muriFloride n'iziva muri Maine zija muri Californie. Mu gitondo, mu gihe narikondatwara imodoka, ahubwo hari neza na neza inyuma y'umutaga mu gihe twarikoturamanuka mw'ibarabara, jewe n'umugore wanje twariko turaraba inomeroz'imiduga [Imparati-U]. Ni muri uwo mwanya naciye niyumvira kuri iki gisomwa:"Ivyo bisigura iki?" Nk'uko havuga ngo: "Aho umuvyimba uri hose, ni ho ibinyakabakabizokoranira!"

43 Nabwiye umugore wanje nti: "Mukunzi,uribuka ubushize aho vyabaye ngombwa ko nsiga ivyari bimfitiye akamaro vyosekugira ngo nje mu gikorwa c'ubutumwa bwiza mbone gushira mu ngiro ic'Imana yariyambwiye gukora? Waciye uririmba iyi ndirimbo, ngo":

Oo, bazova i burasirazuba n'iburengerazuba,

bazova kure, baze mu musi mukuru w'Umwamiwacu

bongere basangire nk'abatumire biwe;

Oh, ese ukuntu izo ngenzi zihezagiwe!

Zihweza mu nyonga hiwe hahezagiwe

Hakayanganamwo urukundo rw'Imana;

Abahezagiwe n'ubuntu bwiwe,

Kandi nk'amabuye y'igiciro kinini,

bazokwakaka ku gitsibo ciwe.

44 Uko nikwogukwegwa. Urubuto rwatoranijwe n'Imana rudashobora gukora ikindi atari gukurikiraivyo kandi ni co gihambaye cane kuri twebwe kuruta kubaho. Twara ubuzima bwacu arikontimudutware ivyo. Ni ugukwegwa ki? Imana ishitsa Ijambo ryayo nk'uko bisanzwe. Yongeye gushitsaIjambo ry'uwavugishwa n'Imana Zekariya. Haraheze akanya nsomye umurongo w'9; igihe Yesu, yari yicaye kumukangara, inyana y'indogoba yera, yarinjiye muri Yerusalemu, vyariivyavugishijwe na Zekariya vyari bishitse : "Nezerwa, bakobwa b'i Siyoni.Semerera, ô bakobwa b'i Yerusalemu. Raba, Umwami wanyu aje kuri mwebwe;n'Umugororotsi kandi azanye agakiza, yicaye ku ndogoba, umukangara, inyana y'indogoba".Ukwo nikwo kwari ugukwegwa kwari i Yerusalemu, umurwa mukuru w'abasenzi.

45 Ubu turabona umusi wa nyuma ushitse!Tuzingurure gatoya impapuro nke muri Zekariya maze turabe ico yabivuzeko. Turabe ivyavuzwe ku vyerekeye imisi ya nyuma arikwo gusubira mubihe vya mbere. Turabe muri Zekariya mu gice ca 14 kandi duhere ku murongo wa 4.Umvirize! Turaja gusoma igice kimwe c'ivyanditswe, nk'imirongo 5, guhera kumurongo wa 4 kugeza ku w'9. Tege yompi. Yavugishijwe ivy'ukuza kwiwe, no ku misiya nyuma; n'ubu mutege amatwi: Ni NIKO UHORAHO AGIZE. Ni ivyanditswe. Zekariya 14. Nimwibuke ivyari vyavuzwe muriZekariya 9. Kandi ntibamumenye. Mbega ubuho bimeze gute? Zekariya 14 havuga ukuzakwiwe:

"Kur'uwo musi azohagarika ibirenge kumusozi Elayono werekeye i Yerusalemu ahahera i burasirazuba; uwo musozi Elayonouzotemukamwo kubiri uhereye i burasirazuba ugashitsa aherekeye i burengerazuba;uzocikamwo uruhomoka runini cane, igihimba c'uwo musozi kizokwimukira iburaruko, ikindi cimukire i bumanuko. Muzohunga muce mu ruhomoka rwo mu misoziyanje; kuk'uruhomoka rwo mur'iyo misozi ruzoshika no kuri Azeli: mberemuzohunga nk'uko mwahunze hamwe isi yatigita ku ngoma ya Uziya umwami w'i Buyuda."

46 Iyindi nyamugigima izotuma isi yasama!Nimba mushaka gukurikirana ico canditswe, muraja kubona ko ku murongo wa 5havugwa ko ukwasana kw'umusozi wa Elayono kwatumwe na nyamugigima, kandi biremezwa muriYesaya 29:6 no mu Vyahishuriwe Yohana 16:19. Neza na neza! None uwo ni nde? Wamuvugishwa n'Imana nyene yari yaravuze ivy'ukuza kwiwe ni we

yariko aravuga ku kuza kwiwe kwa kabiri!Rabe, "nko mu misi y'ugutigitakw'isi". Murabona ivyo nyamugigimazikora, murabona ivyari vyaravuzwe kuri zo? "… maz'Uhoraho Imana yanje azoza azananye n'aberabose. Kur'uwo musi ntihazoba har'umuco utamanzuye, ntihazoba n'ikibunda: arik'uzoba umusiumwe rudende uzwi n'Uhoraho, atar'umurango ntube n'ijoro; ariko hageze ku kagoroba hazobaumuco." (Ôo Mana!)

47 "Hageze ku kagoroba hazoba umuco", vyavuzwe na wamuvugishwa n'Imana nyene. Kandi abantu ni impumyi! Ukwo gukwegwa ni ukuhe?Dusome kandi imirongo ibiri : "Kandi kur'uwo munsi amazi y'ubugingo azova iYerusalemu; amazi amwe azotembera mu kiyaga c'i burasirazuba, ayandi mu kiyaga c'iburengerazuba; bizoba birtyo mu ci no mu mvura. (Ubutumwa buzoja ku bayuda nk'uko buzojaku banyamahanga na bo). Kand'Uhoraho azoba Umwami aganza isi yose; kur'uwo musi Uhorahoazomenyekana kw'ar'umwe gusa, n'Izina ryiwe kw'ari rimwe gusa.

Hazoba umuco mu gihe c'akagoroba, (Nivyo!)

Nta nkeka muzobona inzira ijana mu bwiza;

Mu nzira ica mu mazi ni ho hari umuco unomusi,

Uhambwe mw'Izina ry'igiciro rya Yesu.

Abato n'abasaza, nimwihane ivyaha vyanyuvyose,

Nta nkeka, Mpwemu Yera azoca yinjira,

Umuco w'akagoroba waratse,

Biragaragara ko Imana na Kristo ari Umwe.

Murabona aho tugeze? Amahanga aratatanye,

Isirayeli irikanguye.

Ibimenyetso abavugishwa n'Imana bacu baribaratubwiye, (iyo nyamugigima izonyiganyiza amahanga ku musi wa nyuma) Ibihevy'abanyamahanga biraharuye kandi bari mu gatengo;

Garuka, wa bwoko we bwashwiragiye, garukamu bawe.

Mwebwe mwari mwataye umurongo mu gihe zasandugu zari zitwawe ku mikogogote mishasha, nimuveyo imbereyuko urupfu rubatwara. Imana yaravyemeje kandi bizoba ukwo nyene.

48 Turabe uwundi murongo wo mu Vyanditswemw'Isezerano rya Kera; Malaki, mu gice ca 4; Dusome ico gice kigufi. "Ehe raba, umusi uraje,waka nk'itanure; abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazoba ibishingwe…" Muri Malaki 3 havugwa ukuza kwa mbere, ubunaho, n'ivyerekeye ukuza kwa kabiri. Mbere n'umunyabwenge Scofield (nahontemera insiguro ziwe), yaravyerekanye neza ngaha : muri Malaki 3 ni ivyerekeyeigikorwa ca Yohana n'ivy'ukuza kwa Eliya azomwitangira imbere. "… abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazobaibishingwe; kand'uwo musi ugira uze uzobatongora, ni k'Uhoraho Nyen'ingaboagize, nta n'agashitsi canke agashami uzobasigarana. (None umuriro udahera uri hehe?) Ariko mweho abubahaIzina ryanje izuba ry'ubugororotsi rizobarasira, rifise ugukiza mu mababayaryo. Maze muzosohoka mukina amatavu nk'inyana zivuye mu ruhongore. Kandimuzosiribanga abanyakibi; bazoba umunyota musi y'ibirenge vyanyu ku musinzoshinga, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize. Nimwibuke ivyagezwe vy'umusavyiwanje Mose, amabwirizwa n'ivyashinzwe, ivyo namugereye i Herobu kuba ivyokuganza Abisirayeli bose

49 Ng'uku ukuza kwa Eliya: "Umve, nzobarungikiraEliya, uwavugishwa nanje …" Ijambo rya nyuma ryo mw'Isezerano rya Kera: " … nzobarungikira Eliyauwavugishwa nanje, uwo musi w'Uhoraho uhambaye kand'utey'ubwoba utarashika." Aha rero ntiyashobora kuba ari Yohana.Oya. Murabona, isi ntiyaturiwe kandi abagororotsi ntibagendeye ku munyotaw'ababi. Murabibona? Oya.

" … uwo musi w'Uhoraho uhambayekand'utey'ubwoba utarashika. Uwo niwe gisanganya azosanganya imitima ya ba sen'iy'abana; kugira ngo noye kuzoza ngater'isi umuvumo. Raba ukuntu Mpwemu Yera abivuga abitomoyekuko ntashatse guteza urwijiji abantu ku vyerekeye ukuza kwa Eliya kuri uburyobubiri. Muri Malaki 3 havugwa ngo : "Umve ngira ntume integuza yanje,indoranirize inzira imbere yanje." Igihe babaza Yesu ivyerekeye Yohana, muri Matayo 11:14,yavuze ati : "Kandi ni mwaba mugomba kuvyemera, uwo ni we Uwuvugishwa n'Imana avugaati : Umve ngira ntume integuza imbere yanje. Ni we Eliya yategerezwa kuza". Malaki 3.

50 Raba ingene ivyanditswe bitomora neza ivyobintu. Ihweze ivyo, mwebwe mushaka kwizera, mwebwe mushaka kubona. Mwibuke koYesu yahagarariye hagati y'umurongo w'icanditswe, kuko igice kimwe cawo carigishitse mu gihe ikindi gice gisigaye cari cerekeye ukuza kwiwe kwa kabiri. "ngo menyeshe abantuumwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho no kubohora abanywagutse imitima …" Hanyuma acaahagararira aho areka ibi ngo : "… n'umusi wo kwihora kw'Imana yacu". Kubwo kuza kwiwe kwa kabiri.

51 Murabona ko ico canditswe cerekana isanobifitaniye. "Kandi Eliya we, azofata imitima ya ba se ayigarukane ku y'abana". (Ubu mu kuvuga ivyo, ntituvange Malaki 4 na Malaki 3). Havugwa Eliya,ni ukuvuga Yohana, yategerezwa kuza mumisi yitangiye imbere y'ukuza kwa mbere kwa Kristo kugirango agarukane imitima ya ba data, ba sogokuruza ku butumwa bw'abana babo, kuriubwo butumwa bushasha. Ubu rero rabe! "N'imitima y'abana ku ya ba se". Igihe c'ukuza kwa kabiri, mu misi y'iherezo, azogarukana ukwizera kw'intumwa. Murabona ukuntu ivyanditswe vyuzuzanya neza? Ivyo,ryari iherezo ry'isezerano rya Kera. Ubu rero turaja kubona ko hategerezwa kuba umuco wo ku kagoroba.None ni iki? Ni agasongero, ni mu bushorishori.

52 Nk'uko nabivuze mu gitondo, twakuriyehagati mu madini. Nk'uko nabivuze mu gitondo mvuga ku giti c'imicungwe,twaronse ama pampelemusi, indimu n'ibindi bintu vy'ubwoko bwose. Umucungweutategerezwa kwama ugiterwa. Ivyo ntibibacike! Inyuma y'uko amadini yose amariyegukora, ntiyongeye kuronka umuco; bisanzwe nta n'uwo yari yarigeze aronka. Rerohazobaho umusi utazoshobora kwitwa umurango canke ijoro. Bakora iki? Bakora iki none? Mbega indimuyateweko nk'ingurukizi ku mucungwe ikora iki? Ifata ubuzima bw'inkomoko bwaributeguriwe kuja mu mucungwe ikabwonona ikabuhindura indimu. Ni co amadini yagize Ijambo ry'Imana. Bahinduye ubusa Ijambo ry'Imana kubw'imigenzo yabo. Ni ko UHORAHO AGIZE: Bamye indimu n'amapampelemuseariko si imicungwe.

53 Ariko uwavugishwa n'Imana yavuze ngw'iki?Wa muvugishwa n'Imana nyene yavuga ati (Ni igisomwa twafashe kuri uno mugoroba): "Nezerwa cane wamukobwa w'i Yerusalemu, sesereza impundu, wa mukobwa w'i Siyoni we, kukoUmwami wanyu aje kuri mwebwe, yicishije bugufi yicaye ku mukangara, inyanay'indogoba", uwo muvugishwan'Imana nyene yavuze ati: "Igihe c'uko ivyabibwe vyera kirashitse". Izubaryararungitswe kw'isi kugira ngo ryeze ivyamwa. Kubera iki bitashobora kwera?Nta vyamwa vyari biriko vyashobora kwera. Ariko ubuzima bwariko burabandanya.

54 Ubwo buzima bwaje buciye mu ma pamplemuse,bwari butegerezwa kuba ari umucungwe; bwarabonye ko ico camwa cari cahindutseidini kandi ko cari ipampelemuse. Bwaragarutse kandi ubu ho bwisanze ariindimu. Bwaragarutse kandi bwari ikindi kintu. Kandi mu guheraheza, hejuru canemu giti, bwabonye ko ari itanjelo, yari igice kimwe umucungwe ikindi giceindimu; ni imbuto y'ikivange, ikintu cononekaye, vyose vyari vyononekaye kandiivyo bintu vyose vyabeshwaho n'ico giti nyene; ibishishwa "vyoshoboye guhakwa kuzimiza abatoranijwe", ico camwa gisa n'umucungwe kandi atariwo. "Ariko

hazobaho umuco", igihe buzoba bumazekurengana (idini). Igihe ubuzima buzoba bumaze kurengana amadini,bwarenganye maze bukongera gukayangana, buzokwama imicungwe isan'imbuto bateye mw'ivu kandi buzoba ari umuco! Ukwo gukwegwa ni ukuhe, habaye iki? Ijambo ry'Imana ririko rirashika! Ivyabona bibiri vyo mw'Isezerano rya keravyarerekanye ko ivyo vyashitse.

55 Dufate Yohana 14:12 mw'Isezerano rishasha,turabona ko Yesu yavuze ati : "… unyizera ibikorwa jewe nkora, na we azobikora…" Kandi muri Luka 17, Avuga kandi ati : "Nk'uko vyari biri mu misi yaLoti, imbere y'uko igisagara c'i Sodomu giturirwa, ni ko bizomera igihec'ukugaruka kw'Umwana w'Umuntu, igihe Umwana w'Umuntu azohishurwa." Ôo, raba gusaIvyanditswe! "Umwana w'Umuntu", Yesu Kristo, uko yar'ar'ejo,n'uno munsi niko akiri kandi niko azokwama gushika ibihe bidashira, Weyarahagurutse asiga ku ruhande amadini, arahaguruka ashika kw'isonga ry'igiti. Yavuze ngw'iki muriYohana 15? "Ishami ryose ririmuri jewe ritama arikuraho akariterera mu muriro rigasha. Kandi iryama ryose

Azorituturira."

56 Ôo, mu minsi ya nyuma,hazoba imvura nyakuri y'urushana n'iy'agatasi izogwa kuri uwo mugwi mutouzozanana na we wicishije bugufi ku mukangara w'inyana y'indogoba, kandi usemererauti : "Hoziyana ku Mwami aje mw'Izina ry'Uhoraho!". Uno musi harikohaba iki? Ni igiki gikwegera abantu kuja ku musozi?

57 Nta gihe kinini kihaciye, mu gihe narimpagaze aha havugirwa ubutumwa, Mpwemu Year yaravuze ati : "Igihe kizoza ahobazorandura ibikingi vy'irembo biri imbere y'inzu yawe, ivyo rero uzovyirengagizekandi ntibizogushavuze". Kandi narabonye irembo ryanje ryaranduwe, rirambitse mumpinga y'umusozi. I ruhande yanje, naciye mbona ko bari bimvye umusozi kandi kohariho imbaho n'ibindi bintu umuntu yari yamenaguye. Ndiko ndaraba nca mbona koari ka Ricky kari karanduye iryo rembo; ni we yari yakoze ivyo. Naravuze nti :"Kubera iki ata na kimwe mwambariye?" Yaciye anshirako isoni bica biba ngombwako ndamukubita. Mu gukora ivyo, naravuze nti : "Sinari bwasubire gukora ivyouhereye igihe naheba urukino rwo gukubitana ingumu, ariko nashaka ko ubimenya"."Kandi naciye ndamukubita iyindi". Kandi maze kumutura hasi, naramuteruye mazenongera kumuta hasi. Nka gatatu canke kane kikurikiranya, ndasubira ndamuterurahanyuma nongera kumuta ku musozi. Hanyumanca ndamusangaho maze ndavuga nti: "Si vyiza". Naciye ndamuvyura mazendamuha ukuboko. Nca ndavuga nti : "Sindagushavuriye, nashaka gusa umenye koudashobora kumbwira nk'uko". Hanyuma rero nsubiyeyo, Mpwemu Yera yari aho hafiy'irembo maze aravuga ati : "Ubu rero ivyo bireke, igihe ivyo bikingi vy'irembobizoba vyaranduwe, uzoce wimukira i burengerazuba''. Iki gitabo kirimwo ivyonkeneye vyose. Iki gitabo ni co kitwereka uko twigenza mu vyodushikira vyose,ni co kitwereka uko twokwirinda ingorane.

58 Kandi iki gitabo ni Ijambo kandi iri Jambo ni Imana.Shira imibabaro yanyu ku ruhande, iki gitabokizobabwira ivyo mutegerezwa gukora. Haraciyeimyaka itatu, narabonye umwe mu bagenzi banje akora mu bugenduzi bw'igisagara kandiaba ku ruhande rwo hepfo kw'ibarabara mbako, ariko ararandura igikingic'irembo. Narasohotse maze ndamubwira nti : "Ni ibiki ga Mud?" Ni umuhunguw'umushingantahe King, umwe wo mu bagenzi banje. Yaravuze ati : "Billy, bagiyekwagura iri barabara." Muribuka ivyo nari navuze vyose nti : "Birashoboka ko ari igitarurwa".Naciye mbwira mwene Data Wood nti: "Mugabe kw'itongo ryanyu. Birashoboka ko icogitarurwa gitegerezwa guca hagati muri ryo". Inzira yarasibanganijwe,bayirundamwo amatafari n'amabuye iyo iva ikagera. Aho nari naravuze nti:"Mugabe kw'itongo ryanyu." Rero igihe umushingantahe King yambwira ko biri hafi gukorwa, naratashehanyuma mbwira umugore wanje aho yari yicaye nti : "Mukunzi wanje, harihoikintu canditswe kuri ibi. Hariho ahantu hari UKU NIKO UHORAHO AGIZE."

59 Naragiye ndafata igitabu canje ndagiserangura,kandi hari handitswe hati: "Bizoshika ko …" Hari nk'imyaka umunani imbere yukobiba. Maze kuraba ivyo, naravuze nti: "Mukunzi,iki ni co gihe c'uko twimukira i burengerazuba." Inyuma y'imisi ibiri, umusi umwe mu gitondo hafi isaha zine nari mpagazemu cumba, narinjiye muri Mpwemu w'Imana kandi nca mbona uwo murwi muto w'inumazariko ziraguruka; nitegereza utwo tunyoni. Ivyo muravyibuka. Naciye mbonaabamarayika indwi bakoze ishusho y'ipiramide bihuta baza aho ndi maze baravugabati : "Imukira mu burengerazuba. Genda i Tucson ku birometero mirongo itandatuna bine mu buraruko bushira ubuseruko. Kandi uzokwegeranye urutete rw'igiterwacitwa Nielle canke ikintu kimeze nk'igifashi."

60 Mwene Data Fred Sothman ari hariya arikoarandaba muri uno mwanya nyene niho yari ari muri ico gitondo. Narinamwibagiye. Naravuze nti: "Harabaye igihuhusi kimezenka nyamugigima canyiganyije ivyari bikikije aho hantu mu gihugu. Simbonaingene ivyo bintu vyari gusiga umuntu ari muzima". Nari mfise ubwoba bwinshi.Nari ndi i Phoenix. Mwebwe mwese muriko murumviriza kuri uyu mugoroba murabifiseku makasete. Narigishije ku butumwa buvuga buti: "Mushinganta, mbega iki ni co kimenyetsoc'igihe c'iherezo? Tugeze hehe?" Naciye ngenda ntumbereye i burengerazuba.Benshi muri mwebwe ngaha barafise ayo makasete bifashweko; benshi muri mwebwebaravyumvise umwaka umwe canke urenga imbere y'uko bishika.

61 Naciye ngenda i burengerazuba, nibazaivyari bigiye gushika. Umusi umwe, naronse umuhamagaro

w'Umwami. Naciye mbwiraumugore wanje nti: "Mukunzi, nibaza ko akazi kanje gaheze". Ntavyo nari nzi.Naravuze nti: "Birashoboka ko Imana yarangije gukorana nanje muri kino gihekandi ko ngiye gutaha i muhira. Uzojane na Billy kandi uzotware abana. Uko birikwose, Imana izobacira inzira. Bandanya kubaho uri umwizigirwa ku Mana.Uzogerageze abana bamenye kw'ishure, ubarere bihuje n'inama z'Imana." Yaravuzeati: "Billy, ntavyo uzi neza." Nca ndavuga nti: "Oya, ariko ivyo nta muntuvyosiga ari muzima." Maze umusi umwe mu gitondo Umwami yaramvyuye kandi aravuga ati: "Dugamuri Sabino Canyon." Naciye mfata urupapuro na Bibiliya yanje. Umugore wanjearambwira ati: "Ugiye hehe?" Ndavuga nti: "Sinzi. Nzobikubwira ninagaruka."

62 Naciye nduga i Canyon nduga nerekeje uwomusozi, nerekeye agasongero aho inkukuma zigurukira. Nariko ndaraba impongoyari ihagazeho. Naciye mpfukama kugira ngo nsenge, narataritse ibiganza mazeinkota ica ikorokera mu kiganza. Nararavye hirya no hino maze nca ndibaza nti :"Iki none ni igiki? Naho biri uko, sinataye ubwenge? (bisubiyenumva inkebuzo zanje zose zikora) Raba iyi nkota iri mu kiganza canje, isaneza, ikayangana, ica ibibatsi ku zuba". Naravuze nti : "Muri kano kanya, uvuyeaha muri Canyon, haracamwo ibirometero ata muntu mbonye. Ibi none vyova hehe?"Naciye numva ijwi rivuga riti : "Ni inkota ya wa Mwami".Naravuze nti : "Inkota ni yo Umwami yakoresha kugira ngo ahe umuntu ipetezisumba ayandi

yose?'' Nyenekuvuga yaragarutse maze aravuga ati : "Si inkota y'Umwami, arikoInkota ya Wa Mwami, Ijambo rya wa Mwami". Yaravuze ati: "Ntutinye, ni ugukwegwa kwa gatatu.Ni icemeza igikorwa c'ibango ryawe ry'ubukozi."

63 Narinagiye guhiga ndi kumwe n'umugenzi umwe kandi sinari nzi ivyari bigiye gushika.Hari umuntu yaciye anterefona; yari umuntu yari yamye anebagura ku vyerekeyeirya foto y'Umumarayika w'Uhoraho We nyene yari yafotoye. Vyabaye ngombwa konja i Houston ku vyerekeye umuhungu wiwe yari yaciriwe urubanza ategerezwagupfa mu misi mike inyuma y'ivyo. Twaciye duhuriraho kandi aca amfata ku bituguavuga ati : "Ibaze nawe, umwe nyene nanebagura aje gukiza umuhungu wanjew'ikinege!" Ishirahamwe ry'abagiraneza ryarampaye agashimwe gakomeye, (binavanan'uko mukita) kubwo kuba nararokoye ubuzima.

64 Hanyuma twaravuyeyo, nca nduga guhiga ku musozi. Umusi umwe mu gitondonari kumwe na mwene Data Fred kandi mu gihe nari maze gusohoka no mu gihe narimaze kubona ingurube y'inyeshamba. Naciye ndaba nerekeje aho yariko iraja.Naravuze nti: "Mwene Data Fred, uzoje kuri uriya musozi hakiri kare mu gatondo,mu gaturuturu nanje nzoca nja ku rundi ruhande. Sinzorasa ingurubey'inyeshamba, sinshaka kuyica. Ariko uwundi mukuku niwaca kuri urwo ruhandenzoca ndasa imbere yawo maze uce usubira inyuma."

65 Mwene Data Fred yaciye ajayo ariko ntangurube z'inyeshamba zariho. Yaciye anyakura n'ukuboko kandi naciye ndabibona.Naciye manuka muri ivyo bihomoka biri kuri uwo musozi; izuba ryabonekaho gake.Nazunguruka umusozi ntibaza na gato ivyavugishijwe. Naciye nicara maze ndarindiramu kuruhuka. Naribajije nti: "Izo ngurube z'inyeshamba zashikiwe n'iki?" Nari nicaye nk'abahindi, murabizi, amaguruanyuranije maze amaso yanje aca araba ku kuguru kwanje kwari hejuru y'ukundikwariko igifashi. Naciye ndagitora ndavuga nti : "Mbega ukuntu ari igitangaza!Nari nko ku birometero mirongo ine na bitatu mu buraruko bushira ubuseruko bw'iTucson. Umuhungu wanje muto Yosefu yari andindiriyeho." Maze mu gihe nariko ndaraba,naciye mbona hasohoka umukuku w'ingurube z'inyeshamba ziri nko ku kilometrouvuye aho ndi, hejuru ku musozi. Naciye nta hasi ca gifashi. Hanyuma ndavuganti : "Ndaja kuzironka. Ndaja kugenda kurondera mwene Data Fred; ndaca manikaurupapuro ku giti kugira ngo nerekane inzira dutegerezwa kujana, nce njakurondera mwene Data Fred." Naciye nduga umusozi niruka cane gose bishoboka amaja hakurya. Kandiubwo nyene, naciye nibaza ko hari umuntu yari yandashe. Sinari bwigere numva narimwe ikintu giturika nk'ico; igihugu cose caciye kinyiganyiga. Kandi igiheivyo vyashika, hariho umurwi w'abamarayika indwi bari bahagaze imbere yanje.

66 Inyuma yaho gato nahuye na mwene Data Fredhamwe n'abandi bose maze baravuga bati : "Ivyo vyari ibiki?"

Naciye mvuga nti: ''Vyari ivyo.'' "Ugiyegukora iki?" "Ngiye gusubira i muhira. Kuko, NIKO UHORAHO AGIZE, muri bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, Imana Igiye kutwugurura ayo mabangandwi muri ya Mashashara Ndwi." Haciye haba umuzingi wazamutse uva kw'isi umeze nk'igicu kikirikokiriremarema kandi wagenda uzunguruka utumbereye neza na neza ku musozi uhereyemu kibanza c'aho wari uvuye mu burengerazuba. Hanyuma yaho ubushakashatsibwerekanye ko wari uri ku burebure bw'amaduga bw'ibirometero mirongo itanukandi ko wari ufise uburebure bw'amakika bw'ibirometero mirongo ine; mubisanzwe wari ufise neza na neza ishusho y'umusonge.

67 Kandi wa musi, mu gihe nari mpagaze ngaha, nariko ndahindukiza iyoshusho ndayerekeza I buryo kandi hariko Yesu nk'uko yari ari mu bihe ndwivy'ishengero, afise umushatsi[Aha mwene Branham yakoresheje ijambory'igifaranansa perruque risigura umushatsi w'umukoranoabantu bambara ugasa n'umushatsi nyene w'umuntu-U] nk'ikimenyetso c'ubumanabwiwe buhambaye. Ni Alfa na Omega; ni

uwambere kandi ni uwanyuma, ni UmucamanzaMukuru wo mu bihe vyose bidashira; Ahagaze harya yemezaubutumwa bw'iki gihe. Kandi hazoba umuco mu gihe c'akagoroba! Vyari ibiki? None uwo yari nde?

68 Naciye ngenda nerekeye … mu burengerazuba. Mu gihe nari kuri uyo musozinyene ndi kumwe na Banks Wood, naravuze nti : "Tera ibuye." Narabwiye mweneData Wood nti : "UKU NIKO UHORAHO AGIZE, muraza kubona ubwiza bw'Imana." Umusi ukurikira, mu gihe nari mpagazeho, agashururu kaciye kururuka mazekumvikanisha ijwi ku musozi. Ibitandara bitema amasonga y'ibiti nko ku meteroimwe hejuru y'umutwe wanje. Habayeho ukwasana gutatu guhambaye kandi bene Databaciye bashika biruka. Hariho nk'abagabo cumi na batanu, abavugabutumwan'abandi. "Vyari ibiki?" "Vyari ibiki?" Naravuze nti: "Agace k'i burengerazubakariko karaciriweko iteka."

69 Haciye hafi imisi ibiri, nyamugigima yahatswe kunyikiza igisagara c'iAlaska. Uwo muco uri hariya hejuru kw'isonga ry'umusozi Sunset mw'ishamba ry'iCoronado muri Arizona ni uyuhe? Ni ikihe kintu kitamenyerewe cariko kibera harya,mu gihe abantu bariko baragenda bava i burasirazuba baja iburengerazuba kandi begeranya amabuye yari yasanzariye hirya no hino y'ahoiyo nyamugigima yari yabereye. Rimwe ryose muri ayomabuye ryari rifise amasonga atatu yari yatewe n'ukwasana. (Batatu bagize umwe). Ayo mabuye ubu ari ku biro mu gihugu cose kandi barayifashisha mu kuyagereka kumpapuro kugira ntiziguruke. Ico kintu kitamenyerewe cashitse ku musozi Sunset mw'ishamba ry'i Koronado ni ikihe?

70 JuniorJackson ariko aratwumviriza; muribuka indoto yari yarose kandi nkaba nari nazisobanuyezivuga ngo: "Mu kwerekeza i burengerazuba?" Kandi ivyo nivyo vyashitse ku musozi"w'iyo izuba rirengera!" Ni igihe c'akagoroba, igihe c'ikirengazuba. Ubutumwa bwo ku kirengazuba bwaje buciyemw'ishirwa ahabona ry'ivyavugishijwe biriko birashika. Kandi hazobaho umuco mu gihe c'akagorobaku musozi Sunset mw'ishamba ry'i Coronado ku birometero mirongo itandatu nabitanu mu buraruko bw'i Tucson. Murashobora gufata ikarata mukabona ko isongarya Sunset Peak ariho riri. Ni neza na neza muri ico kibanza vyabereyemwo. Sinarindabizi imbere y'uwo musi.

71 Ivyo ntibizokwigera bipfa. Ivyo vyamabishika. Uhereye ico kintu gishitse gushika kw'ifoto ya Yesu ariko araturaba,n'uwo muco w'ikirengazuba uri neza na neza ku musozi Sunset. Umuco wo ku kagoroba waraje; ni Imana yigaragaza yo nyene ubwayo. Ni ibiki? Ni uko Imana na Kristo ari Umwe. Umushatsi wera. Nibangahe babonye umushatsi wera yari afise nk'uko twabibonye mu VyahishuriweYohana 1? Murabona, ubumana buhambaye, ubutware buhambaye! Nta rindi jwiririho, nta yindi Mana, nta kindi kintu na kimwe. "Muri we niho haba ukunengesera kwose kw'ubumana." Abamarayika ubwabonyene nibo bari umushatsi wiwe. Amen.

72 Ni ibiki vyashitse ku musozi Sunset? Imanayariko irashitsa Ijambo ryayo. Ni kubw'ivyo hari hari iyo nduru yose. Murabona ko Imana yongeye gushitsa Ijambo ryayo yasezeranye, ivyomu Vyahishuriwe Yohana 10:1 gushika ku 7. "ariko ku musi w'ijwi ry'ubutumwa bw'umumarayikaw'indwi, ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe." Ibanga ryahishijwe ryo mu VyahishuriweYohana 10:1 gushika ku 7, ubutumwa bwa nyuma kw'ishengero ry'igihe ca nyuma. Nimuri ico gihe hashika neza na neza Luka 17:30 : "Umusi Umwana w'umuntu azohishurirwako." "Kandihazokwaduka abigira abavugishwa n'Imana benshi n'abiyita Kristo bakora ibimenyetsobikomeye n'ibitangaza kugira ngo bazimize n'abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Abantubama mu gukekeranya imisi yose. Kandi ishengero nk'uko bisanzwe ryama naryonyene ririmu gatengo.

73 Kandi abashakashatsi bo muri Tucson hose baramaze kwandika inkuruzashizwe mu bimenyeshamakuru. Uhereye hariya kuri ruriya rundi ruhanderw'umusozi Lemmon, ama kamera yabo manini manini ntiyashoboye kubona ukuntuivyo bintu vyavuye aho twari turi vyerekeza mu burengerazuba, vyerekana koigihe gishize. Ko bigeze ku ruhande rw'i burengerazuba, bisigaje urugendo ruto.Urubanza rwakubise irya nzira nyene vyajanye. Vyaduganye neza na neza I Phoenix;bica vyerekeza i Prescott maze bica mu misozi kugira ngo bigende biganauruhande rw'I burengerazuba. Vyaja hehe? Vyagenda neza na neza muri Alaska, bituragara.

74 Abakoresha ivyuma bigenzura ikirere bo muri Tucson baracibaza ibibazo;abahinga bariko barakora ubushakashatsi kugira ngo bashobore gutora ivyo arivyo. Ku burebure bw'amaduga nk'ubwo, ntibishobora kuba ari ibipfungu, ivyirungucanke ikindi ico ari co cose. "Ni igiki catumye ivyo biba? Ivyo none bigezehehe?" Babuze ico bafata n'ico bareka kubera uwo muco udasanzwe wari hariyahejuru mu kirere nka kurya wari umeze igihe abanyabwenge b'inyenyeri baribashitse inyuma y'aho bakurikiriye inyenyeri maze bakavuga bati : "Umwamiw'Abayuda yavutse ari hehe?" Ivyo vyari ibiki? Imanayariko irashitsa Ijambo ryayo. "Kandi muri Yakobo hazokomoka inyenyeri."

75 Kandi Imana yo mw'ijuru yarasezeranye komu gihe c'akagoroba hobayeho umuco w'akagoroba. Haraciye imyakaitatu, iryo banga ryari rikiri ivyavugishijwe gusa. "Mushinganta, iki coba ari co gihe?" Ariko ubu, ni inkuru za kahise. Ivyovyarabaye. Isezerano ryarashitse. Ni igihe ki ga mushinganta, kandi ukwo gukwegwa ni ukuhe? Imanairiko irashitsa Ijambo ryayo! Uko yari ari ejo, ni ko ari n'uyu musi kandi nikoazokwama gushika ibihe bitazoshira.

Dusenge.

76 Manamukundwa, aba bantu nabatebeje cane rwose, cane rwose birenze uko navyiyumvira.Ndagusavye, Ewe Mana, kugira ngo ivyavuzwe vyose canke ivyakozwe bitume abantubo mu mihingo yose batahura. Kandi bashobore kwizera nibabona kandi bagatahuraivyo ko Uri Kristo w'ukuri kandi koIjambo ryakomejwe ari ukugaragara kw'Ijambo ryiwe ritunganye kandi ryashikijwe mu gihe caryo. Ubu rero, Mwami Yesu, nk'uko wavyivugiye, waravuze ko isi izoba nk'iSodomu. Turabizi; Turashobora kubibona. Kandi waravuze ku vy'iki gihe ko kizoba"nko mu gihe ca Sodomu". Intumwa zitatu zararungitswe ku banyamahanga no kubaheburayo. Umwe muri bo, yari Imana yo nyene ubwayo, Umwanaw'umuntu, yarihishuye we nyene ubwiwe mw'ishusho y'umuntu maze akora igitangaza ku buryo yabwiye Aburahamu ivyo Sara yarikoarakorera inyuma yiwe mw'ihema. Waravuze ko ivyo vyosubiye kubaho igiheamahanga azoba yacitse burundu nk'uko Sodomu hari hameze. Kandi aho ni ho turi,Mwami. Ibindi vyavugishijwe vyaremeje ivyo bintu nyene, ko Eliya yarungitswe mugihe ca nyuma, ko Mpwemu wa Eliya yategerezwa kuza kw'isi kugira ngo asubize "imitima y'abana kuya ba se". Kandi ndagusavye,Ewe Mana, ko muri uno mwanya wo kwemeza Ijambo ryawe, ko uko wari uri ejo arikoUri n'uno musi kandi ko ariko uzokwama gushitsa ibihe bidashira. Nubiduhe,Data. Ni abawe bose. Ndagusavye ngo ubahe iyo migisha kandi wemeze ivyavuzwekubw'icubahiro c'Imana. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

77 Kuvuga Ijambo, umuntu arashobora kubikora, gushitsa Ijambo vyo, niImana ibikora. Kuvuga, ni ikintu kimwe; ariko Imana kubikora, niikindi kintu. Imanantikeneye umusobanuzi; Yo nyene ubwayoirisobanurira. Ubu rero turiko turitegura kugira umurongow'abasengerwa kugira ngo dusengere abarwaye, Imana ibishatse. Kandi turazi koata muntu n'umwe ariho, ata mugabo n'umwe, ata mugore n'umwe, ata kiremwa muntuna kimwe, ata mumarayika n'umwe ashobora kubakiza, kuko Imana yaramaze kubikora. Ni Yo yabiteguye; ikintu gusamusabwa gukora ni ukukwakira.

78 Nta mugabo ariho, yaba n'umumarayika, ntana kimwe, nta n'Imana ubwayo, ishobora guharira ivyaha vyanyu. Ivyo vyaramaze gukorwa. Yesu yarabikoze ku musaraba. Ariko ivyo nta kamarocanke inyungu bizobazanira igihe mutaravyemera. Murabibona? Ikintu conyene co gukora, ni ugukurikira amategeko yatanzwe n'Imanaavuga yuko abizera bategerezwa kurambika ibiganza ku barwaye. Ivyo vyarakozwemu bihe vyose no mu makanguro yagiye abaho. Kandi ivyo vyitwa "Imana."

79 Aburahamu yarabonye ibimenyetso vyinshi. Ariko igihe carashitse ahoAburahamu yabona ikimenyetso ciwe ca nyuma, neza na neza imbere y'uko Sodomuiturirwa; kandi yari Imana yariko iriyerekana ubwayonyene mw'ishusho y'umuntu. Ivyo muravyizera? Yesu ntiyavuze ko ivyobizokwongera kubaho?

80 Ubu none ni bangahe bari hano … harihokandi n'abariko barumviririza mw'iradiyo canke bari ku murongo wa telefone mugihugu cose. Nimba mukiriko murumviriza, nimwitegure rero dusenge; guma mumasengesho co kimwe na mwebwe mwese mwari mwazanye ibitambara hano. Ubu rerosinshobora kubwira Imana ico itegerezwa gukora. Oya n'ico ciyumviro cokubigerageza

ni kimbe kure. Irigenga. Ikoraico ishaka. Ntaco nshoboye atari kwumvira no kuvuga ico ivuga.

81 Abantu barahagaze begamiye impome;baragundanye kandi inzu iruzuye. Ndibaza nimba dushobora kubaza Imana ikikibazo duti: "Uku ni ukuhe gukwegwa?" Hamwe gusa Imana yoshobora kwongera kwigaragaza hagatimuri mwebwe (birashoboka ko hoba hariho abashitsi hano), kandi nimba ishoborakwerekana inyonga zayo zihezagiye hagati muri twebwe, nimba ishobora kwerekanaMpwemu wayo ngaha, ikerekana ko ukwo yari iri ejo ariko iri n'uno musi no gushitsaibihe bitazoshira, kugira ngo umwe wese muri twebwe ashobore kwizera ko ari kobimeze amaze kwumva ubu butumwa bubiri bw'ubushobozi. Murashobora gukora ivyo? Neza cane.

82 Hako mpamagara umurongo w'abasengerwakandi hashushe cane, ndetse n'inzu yuzuye kandi abantu barahagaze begamiyeimpome … ndiko ndaba uko nohamagara umurongo w'abasengerwa; nimba muhagazeharya, ntimushobora kuwuzamwo. Noshobora kuwucisha kuri uru ruhande? Mwebwe mugwaye,muri ku musego canke muryamye ku bindi bintu, ntimushobora kuza. Guma rero ahomuri kandi mwizere Imana. Nimwaba mufise ikarata y'abasengerwa, yigumye; vyosebiragenda neza. Turaja kubasanga aho muri nimba muri mu basengerwa. Ariko ntimutegerezwakuza ku murongo.

83 Ku mugoroba wo kuw'iyinga uheruka, umushingantahe Shepherd ntiyaje mumurongo n'umwe w'abasengerwa. Mbega umushingantahe Shepherd yoba ari ngaha kuriuyu mugoroba? Ari he? Yoba ari hano? Ari inyuma. Hari ikarata y'abasengerwamwari mufise ga mushingantahe Shepherd? Ntayo mwari mufise? Ntayo yari afise.Yongeye kuza hano uno mugoroba. Mwahisemwo ikibanza ciza mwene Data Shepherd.

84 Ntibihagije kubangaha; mukwiye kandi kugira n'ukwizera. Muribuka wa mugore yakoze ku mpuzu ziwekandi yaciye avyiyumvamwo. Kandi uko yari ari ejo niko ari n'uno musi, niko azokwamagushitsa ibihe bidashira. Kandi mw'Isezerano risha, mu cete candikiweAbaheburayo, havuga ko ari "Umuherezi mukuru" uwo kuri uyu mugoroba"ashobora kubabarana natwe." Murizera ivyo? Nimugire rero ukwizera! Ntimukekeranyekuri ivyo. Nimumwizere kandi ivyo biraja gushoboka. Murashobora kuronka ivyomwasavye

nimba mushobora kumwizera. Ariko bibasaba ko mumwizera. Murajakubikora? Muraja kumwizera mwese? Ni bangahe biteguye kumwizera muri kano kanya? Imana ibahezagire! Sinzi uwungo ni nde. Ntan'umwe nzi muri mwebwe. Ntibindaba, kumenya uwo ari we wese muri mwebwe;kumenya ivyo bintu ni igikorwa c'Imana. Ariko izobikora namba muvyizeye. Muriteguyekumwizera ubu nyene?

85 Mana mukundwa, vy'ukuri, ntituri akagwik'abakristo b'ibivyarwa; ntitwotegerejwe kurinda guhendagizwa nk'inzoya. Iyosiyo kamere yawe, Mwami. Ufise abizera bashitse. Kuba Imana iri

hano vyonyene bituma umutima w'umuntuugurugumba. Ni ko vyari kuri Aburahamu, yarizera Imana. Waramwimenyeshejeko,hanyuma waramwiyeretse kandi warashikije ikimenyetso kandi yarakwizeye.Warongeye kumuha umubiri w'umugabo akiri muto kandi ninavyo wagiriye n'umugorewiwe, kuko umugore wiwe yari mu bigize umubiri wiwe. Hanyuma umwana yaravutse, umuhunguyasezeranywe.

86 Mana, wasezeranyeko vyobaye ari co kimwe muri kino gihe. Ndagusavye ushitse rino Jambo. Kandi iri ni ryosezerano neza na neza rituraba, kuko bizoba nk'uko vyabaye i Sodomu, imbere y'uko Sodomuhaturirwa, n'imbere y'uko Sodomu ishikwako n'urubanza, urubanza rutarashika i Sodomu,ahantu haba abanyamahanga. Urubanza ruri hafi rero gushika kw'isi ahaba abanyamahanga kandiabayuda bategerezwa kumara kandi imyaka itatu n'igice y'igihe ca vya vyago bihambaye,ibigeragezo vya Yakobo, ibisigaye kuri ya mayinga mirongo indwi ya Daniyeli.

Arikoimisi y'abanyamahanga iraharuye; ni igihe co kugenda. Waratanze iki kimenyetsokandi waravuze ko ivyo vyokongeye gushika. Nubiduhe Mwami. Turi mu biganzavyawe, korana natwe uko ubona bibereye. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

87 Ubu rero, ntimukwiye gushavura. Vyogendagute hamwe noshavura? Ndiko ndakora ikintu ngaha gitegerezwa kugengwa n'ubukurubw'Imana. Ariko kubera iki ndiko ndakora ivyo? Yaravuze ko vyobaye gutyo. Ivyobirahagije. Kandi nimba we nyene ubwiwe akora ku buryo ashitsa ivyo imbereyanyu, mbega ntimushobora kuyizera? Nta nkeka. Ubu rero nimugire ukwizera gusa kandi mwizere. Reka gusa ndabe hirya no hino, ndabe aho Mpwemu Yeraaja kuturongorera, ico aja gukora. Sinzi ico ahava akora, ivyo biramuraba.Ariko gusa, nimwaba mufise ukwizera, mwizere gusa kuko : “ibintu vyosebirashoboka ku bizera.” Mwebwe mwese mwizera ivyo, nimushire ibiganzahejuru maze muvuge muti : “Ndavyizeye”. [Ikoraniro riravuze riti: “Ndavyizeye”-Umw.] N'umutima wanje wose ndavyizeye.

88 Ubu rero, igitigiri gatatu niigishingantahe; iyo ibikoze neza incuro zitatu, ivyo vyerekana y'uko ariivy'ukuri. Ntaco bintwaye aho muri hose, uwo uri wese, gira ukwizera gusa. Uburero, mugume aho muri, abo kuri urwo ruhande. Urya mugore ariko arasenga. Sindabazi.Nimugume aho muri, ntibikenewe ko murinda kuza. Sindabazi, ariko muteruyeumwana w'umukobwa canke ku bibero vyanyu. Ntituzinanye na gato. Kandi umwanaw'umukobwa asa naho amerewe neza, asa n'uwukomeye. Ni umwana mwiza w'umukobwaw'imishatsi ibenjutse. Ndamuravye, ntasa n'uwumugaye. Sinzi ico arwaye. Birashobokako atari we arwaye, birashoboka ko yoba ari mwebwe (wewe). Ariko gusa, birashobokako nigeze kubabona mwicaye hano n'uwo mwana kandi mwariko murasenga. Birakwiyeko mvugana namwe akanya gato, kugira nsese ikiri mu mutima wawe, nk'uko Yesu yabwiyewa mugore ati : “Nzanira utwo kunywa”, murabona, kugira gusa amenye ivy'uwomugore. Mwene Data Bruyant n'abandi bicaye harya; ndazi abo bantu bicaye harya.Birashoboka ko nabo nyene bafise ivyo bakeneye, ariko mwebwe, muri bashashakuri jewe. Murizera ko noba ndi uwuvugishwa n'Imana? Murizera ko ivyo bintumwumvise kuri uno mugoroba ari ukuri? Ubu rero, hamwe Imana impishuriye ibintumwakoze, canke ikintu mutotegerejwe gukora, canke ikintu kitagenda neza, cankeicipfuzo canyu ico ari co, muraja kumenya namba ari vyo canke atari vyo. Si vyonone? Kandi namba ikoze ivyo, ivyo bishitsa Ijambo ryayo rivuga ukoyari ari ejo, n'uno musi niko ari kandi niko azokwama gushika ibihe bitazoshira kandi ko Luka 17: 30 vyashitse. Murizeraivyo?

89 Ubu rero, uwo mugore yadugije ikiganzank'ikimenyetso c'uko tutazinanyi. Sindabizi, ariko ngerageza gusesa umutimawanyu, n'ivyanyu. Ubu rero muravyizera n'umutima wanyu wose. Yari wa mwanaw'umukobwa. Si mwebwe. Murashavuye, ariko si ishavu ryanyu ribabujije amahoro.Ico kintu gihambaye kiri ku mutima wawe cerekeye uwo mwana w'umukobwa. Murizerako Imana ishobora kumbwira ivyo ari vyo? Muravyizera? Ivyo vyobafasha?Muravyizera none? Ni indwara yo mu bwonko. Mbegani vyo? Ubu rero, shira ikiganza ku mutwe w'uwo mwana.

90 Manamukundwa, waravuze uti : “Ibimenyetsobizokwama biboneka ku bizera n'ibi : bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire.'' Uwo mugore arizera. Ikiganza ciwe yakirambitse ku mwana. Nakire. Iri sengesho ndarizanyemw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Ubu murizeye mwese? Nimba mushobora kwizera, ibintu vyose birashoboka.Ni ivy'ukuri! Ndazi urya mugore yicaye i ruhande yiwe; ariko araraba adakubita urugohekuri uru ruhande. Sinshobora kuvuga izina ryiwe, ariko uko biri kwosenomwihweza nk'umunota umwe norimenya. Ndamuzi ku maso ariko sinzi ingoraneafise. Murizera ko Imana ija kummenyesha ingorane mufise? Hari ico vyobafasha?…ni indwara y'igisukari. Ubu rero, namba ari vyo, duza ikiganza. Ni ivy'ukuri! Birashoboka ko umugore yicaye i ruhande yanyu afise iyo ngorane nyene.Ni mushasha hano. Urya wundi mugore ariko arasengera uwundi, umwana w'ikimuga.Murizera n'umutima wanyu wose ko Imana ishaka kubibaha.

91 Hariho umuntu hariya inyuma. Urya mugabo yicaye ku rundi ruhande arikoaragerageza kwiyambura kunywa itabi. Murizera ko Imana ishobora kubigukiza?Neza cane. Muravyizera? Ivyo murashobora kubironka. Sinari bwigere mbona uwomugabo. Hariho umugabo ngaha. Murabona ico gitutucirabura hejuru y'urya mugabo aryamye ku musego canke ku gatebe k'indembengaho? Uwo mugabo ari ku mpfiro. Atwikiriwe n'ico gitutu; arwaye kanseri. Uwomugabo sindamuzi, sinari bwigere ndamubona. Imana irazi ibiberekeye vyose. Niukuri, mugabo. Murizera ko Imana yoshobora kumbwira ikintu kubiberekeye? Ivyo vyobafashakwakira ugukira indwara kwanyu? [Mwene Data avuze ati : "Egome"] Ni umugenzi yakuzanyengaha. Ariko ntimuri abo ngaha; muva ahantu hari ikibanza kinini c'amazi kandiaho

abantu bakora uburovyi. Egome, Albany muriKentucky. [Ni ivyo] Ni ukuri, izere, kandi murashobora gusubira i wanyumwakize. Mwizere ko yaheze. Ese wovyizera! Mutegerezwakuvyizera, ukizera ko ivyo mwamaze kubikorerwa. Murizera?

92 Mwebwe,muva i Tennesse, murafise umuhungu arwaye asima. Ntari ngaha, none murizera koaja gukira? Rero mushire akogatambara mufise mu ntoke. Araja gukira namba muvyizera. Ngaha hariho umugore ariko ararira. Yicayei ruhande ya Dogiteri Vayle ngaha. No kuri we hariho igitutu, igitutu cirabura.Sinari bwigere mbona uwo mugore; arwaye kanseri. Araja gupfa natagira icoakoregwa. Mupfaso, murizera ko ija kubakiza? Murabishobora? Murashobora gukira nimbamuvyizeye. Inyuma yiwe gato, hariho umugore yicayeyashize igitambara ku munwa. Nawe nyene ararwaye; afise igisebe mu mushishito.Haragera igihe mukadahwa, mukazungurirwa hanyuma mugatemba. Hari uwabazanyengaha. Mufise ingorane z'ubutinyanka. Nimba mwizeye, murashobora gusubira imuhira mwakize.

93 Wewe musore, uri umushitsi, wicaye imbereyanje undaba. Uri umunya Porto Rico canke ikintu nk'ico? Ntunzi, urabizi; nturin'uwo mu gihugu cacu. Ariko murizera ko Imana ishobora kubaha ico umutima wanyuwipfuza? Hamwe nobabarira ico cipfuzo ico arico, muravyemera, muravyakira?Muriko murondera umubatizo wa Mpwemu Yera. Ni vyo. Nimwakire Mpwemu Yera, mweneData. Ngaha hariho umugabo w'umwirabure yicayehariya inyuma, arafise umutwaro ku mutima, ni kuvyerekeye umugore wiwe. Mberentari no ngaha. Afise ingorane ku maguru. Murizera ko ashoboye kumukiza?Muravyizera? Muri ingenzi ngaha. Muva hakurya rw'ikiyaga. Muva muri Jamaïque.Murizera ko Imana ishobora kumbwira uwo muri we? Witwa Brady. Murizeye? Yesu Kristo uko yari ari ejo niko ari n'uno musi, niko azokwama gushika ibihe bitazoshira.

94 Urya mugore yicaye amaja inyuma, I ruhandey'umupfasoni Wright, arafise umutwaro ku mutima wiwe. Ariko asengera umukobwawiwe. Uwo mukobwa ategerezwa kubagwa. Murizera n'umutima wanyu wose kubwiwe?Ntibizoba bigikenewe ko abarwa nimwamufasha akavyizera. Jewe sinoshoborakumukiza. Hariya inyuma mu cumba bacungiramwo abana,ndabona Mpwemu w'Uhoraho, canke umumarayika; hariho umuco uriko uramurika murikirya cumba. Uri ku mugore akiri muto afise ingorane zo mu buryo bw'impwemukandi zimubujije amahoro. Umengo ndashobora kuba ndamuzi. Ni umugore akiri mutonawe nyene afise ingorane z'ubutinyanka. Egome, izina ryiwe ni West; ava muriAlabama, umupfasoni David West. Mwizere kandi Imana iraja kubibaha.

95 "Hazobaho umuco kuri uwo musiigihe umwana w'umuntu azohishuririrwa". Iyaba Yesu Kristo, (avugwa) atari wa wundi nyene,uko yari ari ejo ariko ari n'uno musi, no gushika ibihe bitazoshira, sinarikumenya na kimwe kijanye n'ivyo. Murizera ivyo? Vyose bishobokera uwizera. Ni bangahe mu bariko baratwumviriza muririno koraniro canke bari ku murongo wa terefone hirya no hino mu gihugubashobora kuduza ibiganza bakavuga bati: "Ndi uwizera"? Ubu ndiko mbwira abarimu gihugu cose: umuntu wese ngaha yakirije ikiganza; nta nkeka ko n'ahandihose, mu gihugu cose mwadugije amaboko, ubu rero, nimuhumirize, nimushire gusaukuboko ku muntu ari i ruhande yanyu. Mufate ukuboko canke ushire ukuboko kubitugu vyiwe. Ibiganza vyanje birambitswe ku dutambara. Raba ivyakozwe uno musi!Raba ibiriko birakoreka ubu:

Mukuraba inyonga ziwe zera

Zigaragaza urukundo rw'Imana;

Abazojayo bahezagiwe mu buntu bwiwe

Bakayangana nk'utubuyenge tw'igiciro kugitsibo ciwe.

Uburero dusenge. Mu mpande zose, dusenge.

96 Mana mukundwa, igihe kirashitse. Ibibisigura iki ? Imana ishitsa Ijambo ryayo! Ni ugukwegwa ki,Mwami? Ni Imana irikoirashitsa Ijambo ryayo. Bishoboka gute ko mu gihugu cose,biciye ku murongo wa terefone abantu barambika ibiganza vyabo ku bandi bantu mugihugu, hirya no hino, kuva mu buraruko gushika mu bumanuko, kuva iburasirazuba gushika mu burengerazuba? Ngaha, abantu baricaye; bava mu bihugu vy'amahanga.Benshi bava mu bihugu bidukikije, muri Mexique, muri Canada; kandi twarambikanyekoibiganza. Imana iriko irashitsa Ijambo ryayo! Bishobokagute ko umuntu yoshobora guhagarara ngaha maze, kubwa Mpwemu Yera, agahamagaraumuntu nk'uko yabikoze kuri Simoni Petero ati : "Izina ryawe ni Simoni, urimwene Yona"?

-"Gendauhamagare umugabo wawe uheze ugaruke ino"

-"Ntamugabo mfise"

-"Nivyo, wagize abagabo batanu." Acaaravuga ati : "Ndazi ko Mesiya azoza agakora ivyo bintu, ariko weho uri nde?"Aca aravuga ati : "Ndi We."

97 Kandiuko wari uri ejo n'uno musi ni ko ukiri kandi ni ko uzokwama gushitsa ibihe bitazoshira.Kandi warasezeranye uti : "Ibikorwa nkora, muzobikora namwe. Muzokora mbere n'ibirengeyekuko ngiye kwa Data. Kandi raba, muri ino misi y'iherezo, nzobarungikira Eliya,uwavugishwa nanje; kandi azohindura ivyiyumviro vy'abantu kandi agarukaneimitima y'abana ku nyigisho z'intumwa zihuje na Bibiliya. Kandi ku kagorobahazobaho umuco. Turi imbere yawe, Mana nkuru yo mw'ijuru!Igihe kirageze! Ibiganza birambitswe ku bantu. Satani, waratsinzwe. Uri umubeshi. Kandink'abakozi b'Imana, mw'Izina rya Yesu Kristo, turagutegetse kwumvira Ijambory'Imana kandi usohoke uve mu bantu, kuko handitswe ngo: "Mw'Izina ryanjebazosenda abadayimoni." Abantu bose barashobora kubohorwa.Nubiduhe, Mana mukundwa. Uri Imana yo mw'ijuru, imwe yatuma habaho, kuri uryamusi ku musozi i Karuvariyo ugukwegwa kwanesheje indwara zose n'ubumuga bwoseco kimwe n'ibindi bikorwa vyose vy'umurwanizi. Uri Imana! Kandi abantu bakizwan'imishishagu yawe. Baridegemvya. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

98 Ewe Mana, ibi bitambara vyose vyashizwengaha mu gihe Mpwemu w'Imana ari hano, mu gihe ugusigwa kwa Yesu Kristo kuri kubantu kandi ibimenyetso bikomeye biriko birashika, isi iriko iranyiganyiga,hakabaho za nyamugigima, ivyanditswe bikaba biriko birashika, kandi umuco wo kukagoroba ukaba uriko uraka. Ndambitse umutumba wanje kuri ibi bitambara nk'ikimenyetsoc'umubiri wose w'abizera b'i burasirazuba, i burengerazuba, mu buraruko, mu bumanukokandi mbwiye umurwanizi nti : "Mw'Izina rya Yesu Kristo va ku murwayi wese iki gitambarakija kurambikwako" kubw'icubahiro n'ubwiza bw'Ijambo ry'Imana. Mw'Izina ry'Ijambory'Imana, Yesu Kristo w'i Nazareti. Amen.

99 Ubu rero, nk'abizera, mu mutekano, mubwitonzi, mu kwera no mu bugwaneza, murashobora kwizera no kwemera ugukiraindwara kwanyu kuva ku Mana ishobora vyose mw'Izina rya Yesu

Kristo? Namba mubishoboye, guma mudugijeibiganza. Mwebwe mwese muri mu gihugu, guma mudugije ibiganza. Aho ngeza amaso,umuntu wese ari ngaha yadugije ikiganza ciwe; imbere mu nzu, inyuma, kumadirisha, imbere y'umuryango, mu cumba barabiramwo abana n'ahandi hose i ruhandeyaho, abantu badugije ibiganza. Bavyemeye.Satani yatsinzwe! Imishishagu ya Yesu Kristo yabakijije, kandi kuba Yesu Kristoari hano kwemeza ko ari muzima uno musi kandi ko agishoboye kurinda isezeranoryose yatanze. Amen! Ndavyizera. Mweho ntimuvyizera?

100 Uburero duhaguruke. Mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo, turemera ivyakozwe vyose cankevyavuzwe; turamukunda n'umutima wacu wose. Turamukunda cane n'umutima wacu wose.Kandi rero mu gihe muja gutaha mu mihana yanyu bwite, Imana ibane namwe. Imanaibahe Mpwemu Yera namba mutamufise.

101 Turafise ngaha ahantu ho kubatiririzan'impuzu ku batarabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, baba abagabo, abagore,abahungu canke abakobwa. Ntimushire ejo ibishobora gukorwa uno musi. Ejo,birashoboka ko hazoba harengeranye. Uno musi, dusezerere ikibi. Abapasitoribari hano, barahagaze kandi bararindiriye; impuzu zirateguye. Nta kwiregurakuriho. Mbega murarindiriye? Nimba ari ko biri, nimwizere … Uko mwoba mwarabatijwekwose ntaco bitwaye, baba barabamijeko amazi, baba barabajobetse canke ikindiico ari co cose, ni ikosa. Umuco waraje. Ni muze, mwizere kandi mubatizwe. Umuntu wese muri mwebwe adafise MpwemuYera namuhabwe, ashobore, mu bushobozi bwuzuye bw'Imana n'urukundoyabasezeraniye, kubagira icaremwe gisha muri We. Imana ibahezagire.

102 Ubu rero, mu kurindira ko dusubirakubonana ku w'iyinga uza isaha zitatu n'iminota mirongo itatu turirimbe akakaririmbo twahora dukunda kuririmba mu myaka iheze: Ntimwibagiregusengera hamwe mu muryango,

Ahoni ho Yesu ashaka kubasanga,

Azokwitwararikaivyo mukeneye vyose,

Ntimwibagiregusengera hamwe mu muryango. Twongere tukaririmbire hamwe :

Ntimwibagiregusengera hamwe mu muryango,

Ahoni ho Yesu ashaka kubasanga,

Azokwitwararikaivyo mukeneye vyose,

Oh,ntimwibagire gusengera hamwe mu muryango.

Ubu rero mu gihe turiko turongerakukaririmba, nuramutse ingenzi iri i ruhande yawe :

Ntimwibagiregusengera hamwe mu muryango.

Ahoni ho Yesu ashaka kubasanga.

Azokwitwararikaivyo mukeneye vyose,

Oh,ntimwibagire gusengera hamwe mu muryango.

103 Mbegantimumukunda? Ndamukunda kubera ko yankunze ubwa mbere kandi yandonkeye agakiza(Ivyo ni vyo vyari ugukwegwa) ku musozi i Karuvariyo. Hari hariho ugukwegwakumwe nk'ukwabaye ku musozi Sunset, ku musozi Nebo, ku musozi Sinayi; ivyabayekuri arya masonga y'imisozi itandukanye. Neza cane, ubu rero turirimbe:

Ndamukunda,ndamukunda

Kuberako yankunze ubwa mbere

Kandiyandonkeye agakiza

Kugiti c'i Karuvariyo.

Abamukunda bose nibavuge bati: “Amen”. Uburero, nimwiyumvire gusa ivyo yabakoreye. Iyumvire, kuri uno mugoroba mwarigushobora kuba muri hariya mu nzu y'ubunywero. Iyo butaba ubuntu bw'Imana,mwobaye muri mu mva neza na neza nk'uko nanje nobaye ari yo ndi. Yakoze iki kubwanyu? Oh, twoshobora kutamukunda? Ivyo abantu bashobora kuvuga vyose ntaco bihindura;ni Uwa mbere!

104 Duhumirize maze twunamike imitwe mu giheturiko turamuririmbira. Arakunda indirimbo; arakunda ko turirimba indirimbo.Tuyimuririmbire:

Ndamukunda, ndamukunda

Kubera ko yankunze ubwa mbere

Kandi yandonkeye agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

Imitwe n'imitima vyacu biraciye bugufiimbere yiwe, mu gushima ivyo amaso yacu yabonye, ivyo amatwi yacu yumvise,ivyavuzwe vyose mw'Ijambo, ico amasezerano yiwe yabaye ku bwacu uno musi. Imanaibahezagire.

105 Kuri uno mugoroba turafise umutumire muritwebwe, mwene Data Ned Iverson; ubwa mbere yari umu Pasitoriw'umuperesipiteriyano. Se wiwe na bene wabo ni abapasitori b'abaperesipiteriyano.Nimba numvise neza, yongeye kubatizwa uno musi mw'Izina rya Yesu Kristo. Ni umupasitori, kandi vyongeye, mwiza. Kandi ubu, ko nzi neza koari umukozi w'Imana, ndaja kumusaba asabe imigisha y'Imana kuri iri koraniro mugihe mugiye gusubira i muhira. Mwene Data Iverson, murashobora kwigira imbere mu gihe imitwe yacu yunamye mu masengesho. Imana ibahezagire mwene Data.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7